**18 Ntwarante 2005. – IBWIRIZWA nº 1/610 – Itangazwa ry'Ibwirizwa nshingiro rya Republika y'Uburundi.**

*(I.I.B., 2005, nº 3 ubwa gatatu, p. 1)*

URUTONDE RW'AMAJAMBO


Ibiharuro birungika ku ngingo

Buramatari w'intara, 138, 139, 187

Ibiharuro birungika ku ngingo

Akarere k'intwaro :
- y'igihugu, 63
- yo hasi, 282

Akazi :
- ka Leta, 51, 71
- ka politike, 71
- k'ubuhinga, 144
- k'umuntu amaramwo umwanya munini, 144
- ka politike, 144

Akazi :
- ka Leta, 51, 71
- ka politike, 71
- k'ubuhinga, 144
- k'umuntu amaramwo umwanya munini, 144
- ka politike, 144

Amagara, 55

Amasezerano :
- mpuzamakungu, 95
- y'ishirahamwe, 291
- ya bose bagize urunani, 291

Amashirahamwe mpuzamakungu, 291

Amatora yerekeye ingingo y'abanyagihugu, 47, 198, 228, 298

Amatora, 102, 121

Guhohotera, 27

Gukurako umuntu umuzigo w'ikintu, 70

Gusaka mu nzu, 43

Gutanga imihoho, 121, 128, 156

Ibanga, 43

Ibendera, 10

Ibidukikije, 35, 280, 293

Ibikorwa mpuzamahanga, 294

Ibimenyeshejwe umuntu atawundi biraba, 28

Ibinyamakuru, 284, 285

Ibiro :
- vy'Inama nkenguzamateka, 183
- vy'Inama nshingamateka, 171

Ibitabangikanywa, 137, 152, 153, 155

Ibwirizwa :
- rigenga amatora, 97
- rishinga amafaranga Leta izokoresha, 162, 163, 176, 177

Icaha kigoye :
- c'agahomerabunwa, 50, 59, 274, 275, 276
- c'ihonyabwoko, 50, 59, 274, 275, 276
- co mu ntambara, 50, 59, 274, 275, 276

Icivugo c'igihugu, 11
Iciyumviro, 222
Iciyumviro, 31
Iciyumviro, 31
Idini, 13, 31
Ifutwa, 305, 306
Igabanywa ry'ububasha, 47, 80
Igihugu c'amagume, 115
Igikorwa, 54
Igiporisi c'igihugu c'Uburundi, 245
Igiteye kubiri n'Ibwirizwa nshingiro, 197
Igitsina, 13, 22, 145
Ijambo Umukuru w'igihugu ashikiriza, 115, 163, 199
Ijambo, 31
Ikibanza kitagira ukirimwo, 148, 228, 302
Ikibazo :
– canditse, 202
– co ku munwa, 202
Ikigongwe c'umukuru w'igihugu, 233
Ikimangu, 11
Ikimenyetso, 11
Ikiri k'umutima, 31
Ikiza, 70
Ikomine 3, 262
Ikoraniro, 163, 177
Imfashanyo iva hanze, 83
Imicafu ibangamira amagara, 293
Imico myiza, 284
Impfagusa, 49
Inama mpanuzwajambo y'igihugu, 268
Inama mpanuzwajambo y'umusozi, 265
Inama mpanuzwajambo ya komine, 264
Inama nkenguzamateka, 147, 180
Inama nshingamateka, 147, 164
Inama y'abashingamateka :
– idasanzwe, 174, 185, 251
– isanzwe, 174, 185
Inama, 32
Indahiro, 103, 127, 133, 228, 271
Indishi, 153
Ingingo :
– mfatakibanza, 304
– zisozera, 305, 306, 307
Ingingo y'abashingamateka :
– yo gukura Leta, 203
– yo gukura Umushikiranganji, 203
Ingingo, 175
Ingingo, 175
Intambamyi, 22
Intara, 3
Intwaro y'icami, 4
Intwaro yisunga imigambwe myinshi, 75
Inyigisho zo gukundisha igihugu, 253
Inyigisho, 53
Inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano, 240, 277, 294
Irabiro ry'akarere rikwirikirana, 274
Irabiro ry'igihugu rikwirikirana, 274, 275, 276
Irungikwa, 190
Isezerano mpuzamakungu, 95, 28, 290, 291
Ishirahamwe riharanira inyungu z'abakozi, 37
Ishirahamwe, 63
Itegeko ngenderwabiko, 149, 163, 170, 182, 228
Itegeko ry'Umushikiranganji wa mbere, ry'icegera c'Umukuru w'igihugu canke ry'umwami, 26
Iteka, 21, 27, 252
Iterambere, 56, 280
Itohoza ry'abashikirizamanza, 53
Itohoza, 20
Ivyogirwa, 175
Ivyumvikayweko, 131
Izone, 3
Kuja inama inama ku ngingo yofatwa, 157, 163
Kujinama, 270, 278, 280, 286
Kwemeza, 139, 215
Kwemeza, 289, 290
Kwinjira mu kindi gihugu, 254
Kwisuka mubitakuraba, 43
Musitanteri wa komine 264
Sentare nkuru y'igihugu, 233
Sentare ntahinyuzwa, 221
Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro, 225
Ubuhungiro, 49
Ubuhungiro, 50
Ubuja, 26
Ubumuga budakira, 156
Ubumwe bw'abarundi, 269, 270, 271, 272, 273, 299
Uburenganzira ku kintu, 36
Uburusho, 120
Ubuturo, 28
Ubwenegihugu, 12, 34
Ubwigenge bw'ubucamanza, 209, 210
Ubwiyunge, 25 :
– bw'igihugu, 299
– bw'umuntu, 280
Ugufashanya, 70, 267
Ugufatirwa, 121, 125
Uguhagarikira, 99
Uguhanahana amakuru, 284
Uguhanuza, 139
Uguhemuka, 117, 120, 163, 234
Ugukukuruka, 120
Ugupfa, 121, 128, 156
Ugusaka, 43
Ugusambura, 203
Ugushikiriza ikindi gihugu uwagirizwa icaha, 50, 59
Ugushikiriza ubwa mbere integuro :
– y'amabwirizwa, 192
– y'ugusubiramwo Ibwirizwa canke Itegeko, 297
Ugusubiramwo, 187, 189, 190, 191, 296, 298
Ugusubiramwo, 234, 296
Ugusubiza hamwe, 258, 269, 270, 299
Ugutanga intara, 295
Ugutuma gutora, 149
Ukudahana ivyaha, 213, 274
Ukumenyesha amakuru, 285
Ukurungikwa gukora ahandi, 101

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

Ukutagira aho wegamiye, 256
Ukutakirwa, 196
Ukutisuka mu bitakuraba, 80
Ukutisunga idini, 299
Ukuvangura, 17, 22, 62, 67, 257
Ukuzimira, 121, 156
Ukwabirana, 29, 30
Ukwakwa iteka, 156
Ukwemera, 123, 218, 222, 239
Ukwidohora, 102
Ukwihanganira, 67
Ukwishira n'ukwizana, 39
Ukwitorera abandi kugirango igitigiri gikenewe gikwire, 164, 180, 266, 303
Umuco kama, 53
Umugera w'ingwara ya SIDA, 22
Umugwi :
– ugizwe n'ibisata k'urugero rungana, 191
– ujejwe amatora, 171, 181, 266
– w'abashingamateka, 194
Umugwi w'abashingamateka, 172
Umuhuza yumwikanisha abanyagihugu na Leta, 187, 187, 211, 237
Umukuru w'abaserukira igihugu mu makungu, 187
Umukuru w'imfatakibanza, 121
Umunyamahanga, 59
Umunyororo, 26
Umurwa mukuru, 9
Umuryango, 30, 63, 66
Umusozi, 3, 265
Umutekano :
– w'abanyagihugu, 153
– w'igihugu, 72, 277
Umutekano w'abanyagihugu, 42, 284
Umuvyeyi, 30, 66
Umwana, 12, 30, 44, 45, 46
Umwiherero, 157, 206
Uruhara :
– rw amabwirizwa, 159
– rw'amategeko, 160
Urunani, 79
Ururimi, 13, 22 :
– kavukire, 5
– rukoreshwa munzego z'igihugu, 5
Ururirimbo rwo guhayagiza igihugu 11
Urwego rukuru rw'abacamanza, 210
Urwego rw'igihugu rujejwe iperereza, 245
Urwego rwo kwivuna abansi, 250
Uturusho, 153
Uwigenga, 98

INTANGAMARA.

Dushize ku mutima amabanga yacu n'ivyo tujejwe imbere y'abariho n'abazovuka ;

Dusubiye kwemeza ko twemera gushira imbere amahoro, ugusubiza hamwe n'ubumwe bw'abarundi hakwirikijwe amasezerano ya Arusha y'amahoro n'ugusubiza hamwe mu Burundi yashizweko umukono italiki 28 Nyandagaro 2000 hamwe n'amasezerano yo guhagarika intambara ;

Twihweje akamaro ko kugarukana intwaro rusangi n'igihugu cisunga amategeko ;

Twiyemeje kwubahiriza agateka ka zina muntu nk'uko biri mu mategeko mpuzamakungu y'agateka ka zina muntu yo kuwa 10 Kigarama 1948, amasezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bwa kiremwa muntu yo ku wa 16 Kigarama 1966 n'amasezerano ya Afrika kubijanye n'agateka ka zina muntu n'abanyagihugu yo ku wa 18 Ruheshi 1981 ;

Twihweje ingene dukunda amahoro n'ubutungane kuri bose ;

Dushize ku mutima akamaro gakomeye ko guteza imbere ubutunzi n'imibano vy'igihugu cacu n'ukubungabunga imico kama y'igihugu cacu ;

Twiyemeje ishaka ryo kurwanira ubwigenge no kwikukira kwa politike n'ubutunzi bw'igihugu cacu ;

Twemeje akamaro, mu migenderanire n'amakungu, uburenganzira bwa benegihugu bwo kwishira bakizana mu kwikukira ;

Twihweje ko imigenderanire y'ibihugu itegerezwa kurangwa n'amahoro, n'ubugenzi, n'ugufashanya hisunzwe amasezerano y'ishirahamwe mpuzamakungu yo ku wa 26 Ruheshi 1945 ;

Twihweje ko twiyemeje gupfumbatira ubumwe bw'Afrika hisunzwe Itegeko rishinga ishirahamwe ry'ubumwe bw'Afrika ryo ku wa 25 Rusama 2002 ;

Twemeje ishaka rikomeye ryo kuvanaho ibituma bikomeye biguma vyisubiriza vy'ubugizi bwa nabi bufatiye ku moko na politike y'ihonyabwoko, y'ikumirwa, vy'ugusesa amaraso, vy'uguhungabanya umutekano n'uguhungabanya intwaro, vyashize abanyagihugu mu kaga kandi bibuza igihugu cacu gutera imbere mu butunzi, n'ukungana n'ubutungane ku banyagihugu bose ;

Twihweje ko kugira ivyo vyose bishikweko, ingingo shingiro n'iz'amategeko zikurikira zitegerezwa kubahirizwa :

– ishirwaho n'itsimbatazwa ry'uburyo bwo gutwara neza bufatiye kuri demokarasi ;

– ishirwamwo ry'imigambwe ifise abanywanyi bake mu ngendo rusangi y'intwaro ibereye ;

– ugukingira n'ugushira inkehwa z'amoko, z'amadini n'imico mu ngendo rusangi y'intwaro ibereye ;

– ugusubiramwo urwego rw'igihugu rujejwe umutekano n'ubutungane mu ntumbero yo gustimbataza umutekano ku barundi bose, harimwo n'umutekano w'inkehwa z'amoko.

Twiyemeje gushiraho ingendo ya politike n'intwaro bifatiye kungene igihugu cacu kimeze kandi bifatiye ku butungane, ku ntwaro rusangi, ku ntwaro ibereye, ku migambwe myinshi, ku kwubaha ubwigenge n'uburenganzira bw'umuntu, bw'ubumwe, bw'ugushigikirana n'umwumvikano wa bose, ukurekuranira n'ugufashanya mu mirwi y'ubwoko itandukanye igize igihugu cacu.

TWEMEJE KU MUGARAGARO IRI BWIRIZWA NSHINGIRO ARIRYO TEGEKO RIKURU RYA REPUBLIKA Y'UBURUNDI.

## IGICE CA I

## IGIHUGU N'UKWIKUKIRA KW'ABANYAGIHUGU

### 1. INGINGO NGENDERWAKO

**Ingingo ya 1**

Uburundi ni Republika imwe rudende, yishira ikizana, itegamiye idini na rimwe, ishingiye ku ntwaro rusangi, yubahiriza ubudasa muvyerekeye amoko n'amadini.

**Ingingo ya 2**

Agataka k'Uburundi ntigashobora gutangwa, kugurishwa canke gucibwamwo ibice.

**Ingingo ya 3**

Uburundi bugizwe n'intara, amakomine, amazone, imitumba n'ibindi bice bitegekanijwe n'Ibwirizwa. Ibwirizwa riratomora ingene ivyo bisata biringanijwe n'ingene bitwarwa. Imbibe n'igitigiri cavyo birashobora guhindurwa n'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 4**

Abanyagihugu ni bo bashobora kwemeza ko intwaro ya cami n'amategeko ayigenga igarukanwa. biciye mu matora. Umugambwe uwo ariwo wose uharanira kugarukana intwaro y'abami udakoresheje igikenye urashobora gukora.

**Ingingo ya 5**

Ururimi rw'igihugu ni ikirundi. Indimi zikoreshwa mu ntwaro ni ikirundi n'izindi ndimi zishingwa n'Ibwirizwa.

Menya neza

Raba Itegeko-bwirizwa ry'Umukuru w'igihugu n$^{o}$ 1/28 ryo ku wa 20 Nyakanga 1982 ritomora indimi zemewe gukoreshwa mu Burundi (*I.I.B.*, 1983 n$^{o}$ 7 gushika kuri 9, p. 169).

Amabwirizwa yose ategerezwa guhindurwa mu kirundi.

**Ingingo ya 6**

Intwaro ya Republika y'Uburundi ni iyikomoka ku banyagihugu, ni bo bayishinga kandi ni bo iharanira.

**Ingingo ya 7**

Abanyagihugu ni bo soko ry'ubutegetsi mu gihugu, ni bo bitorera ababaserukira ngo barangure amabanga y'intwaro canke bakifatira bo nyene ingingo zirongora igihugu biciye mu matora.

Nta murwi n'umwe w'abanyagihugu kandi nta muntu n'umwe ashobora kwiha no kwihariza ubutegetsi.

**Ingingo ya 8**

Umunyagihugu wese akwije ibitegekanijwe n'amategeko arafise uburenganzira bwo gutora. Mw'itora nta jwi riruta irindi, kandi umuntu wese atora mu mwiherero, uko ashaka, agatorera ahazwi. Mu gutora, abanyagihugu bashobora kwitorera bo nyene abategetsi canke bagatora ababaserukira mu gutora abo bategetsi nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa.

Abarekuriwe gutora hakurikijwe igitabu c'amategeko agenga amatora ni abarundi bose bakwije imyaka cumi n'umunani n'abayirenza kandi atakibakumira mu mabanga y'igihugu.

**Ingingo ya 9**

Umurwa mukuru w'Uburundi ushinzwe i Bujumbura. Ibwirizwa rirashobora kuwirnurira ahandi hose mu gihugu.

**Ingingo ya 10**

Ibendera ry'Uburundi rigizwe n'amabara atatu : iry'urwatsi rutoto, iryera n'iritukura. Rishushanijwe bwa rukiramende, rikagaburwamwo ibice bine, hagati hakaba urubumbiro rwera rurimwo inyenyeri zitatu zitukura zifise amasonga atandatu imwe imwe kandi zikagira inyabututu ngereranyo ifise impande zose zingana nayo ikaba mu muzingi ngereranyo usangiye itsina na rwa rubumbiro, ishingiro rya yo rikaba ribangabanganywe n'uburebure bw'ibendera.

Ibwirizwa ni ryo ritomora uko ibendera rireha n'ibindi vyose biriranga.

Menya neza

Raba Itegeko ry'Umukuru w'igihugu n$^{o}$ 1/31 ryo ku wa 27 Nyakanga 1982 rihindura irindi tegeko ry'Umukuru w'igihugu n$^{o}$ 1/227 ryo ku wa 28 Kigarama 1968 ritomora uburinganire n'ibindi vyose biranga ibendera ry'Uburundi (*I.I.B.*, 1983, n$^{o}$ 7 gushika kuri 9, p. 178).

**Ingingo ya 11**

Icivugo c'Uburundi ni « Ubumwe, Ibikorwa, Amajambere ». Ikimenyetso ca Republika y'Uburundi ni inkinzo ishushanijweko umutwe w'intare n'amacumu atatu, vyose bikaba bikikijwe n'icivugo c'igihugu.

Ururirimbo rw'uguhayagiza igihugu ni « Burundi bwacu ».

Ikimangu ca Republika y'Uburundi gishingwa n'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 12**

Ibwirizwa ni ryo rishinga uburyo umuntu aronka ubwenegihugu, abugumya canke akabutakaza.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n$^{o}$ 1/013 ryo ku wa 18 Mukakaro 2000 rihindura igitabu c'amategeko kigenga ubwenegihugu (*I.I.B.*, n$^{o}$ 8 *ubwa kabiri*, p. 579).

Abana bavuka ku Barundi canke ku Barundikazi baranganya uburenganzira imbere y'Ibwirizwa rigenga ubwenegihugu.

## 2. IMICO NDANGAMUTIMA NGENDERWAKO

**Ingingo ya 13**

Abarundi bose baranganya iteka n'ivyo bakwiye kuronka. Abanyagihugu bose baranganya amateka kandi amabwirizwa abakingira kumwe. Nta murundi n'umwe azokumirwa mu vyerekeye imibano, ubutunzi canke intwaro y'igihugu kubera ibara ry'urukoba, ururimi, idini, igitsina canke ubwoko vyiwe.

**Ingingo ya 14**

Abarundi bose barafise uburenganzira bwo kuba mu Burundi mu mahoro no mu mutekano. Bategerezwa kubana ata nkomanzi, bakubahiriza agateka ka zina muntu, bakihanganiranira mu budasa bwabo.

**Ingingo ya 15**

Leta ishimikira ku gushaka kw'abarundi, nibo bayigenzura kandi ikubahiriza ukwishira n'ukwizana hamwe n'amateka ngenderwako yabo.

**Ingingo ya 16**

Leta y'Uburundi itegerezwa kuringanizwa ku buryo abarundi bose bayiserukirwamwo nayo ikabaserukira bose ; arundi bose baranganya uburenganzira bwo kuja muri Leta ; abanyagihugu bose barafise uburenganzira bwo gushikira abo bakeneye bajejwe imirimo ya Leta kandi ingingo n'ibirangurwa na Leta bigashigikirwa na benshi.

**Ingingo ya 17**

Leta ijejwe gukora ivyo abarundi bipfuza, cane cane kurandurana n'imizi amacakubiri yo muri kahise, kuronsa abarundi bose akarusho mu buryo babayeho kandi ikishinga ko abarundi bose bashobora kuba mu Burundi ata bwoba, ata gukumirwa, bagakingirwa ingwara n'inzara.

**Ingingo ya 18**

Igikorwa intwaro y'igihugu ijejwe ni uguhuza abarundi, kwizigiza no kunywanisha abarundi bose, ikaraba ko Leta iriko irakora ku neza y'abarundi bo soko ry'ububasha n'ubutegetsi bwa yo.

Leta irubahiriza ubwigenge bw'izindi nzego, gushira imbere amategeko, ibiranga intwaro ibereye n'ukurangura ku mugaragaro amabanga y'igihugu.

# *IGICE CA II*

# *AMASEZERANO NGENDERWAKO YEREKEYE AGATEKA KA ZINA MUNTU, IBISABWA UMUNYAGIHUGU N'UMUNTU WESE*

**Ingingo ya 19**

Amateka n'ibitegerejwe vyatangajwe bikemezwa n'amasezerano y'isi yose yerekeye agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu, amasezerano y'ibihugu vya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'agateka k'abanyagihugu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye ukurandurana n'imizi uburyo bwose bukumira abakenyezi n'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'umwana biri mubigize iri Bwirizwa shingiro rya Republika y'Uburundi. Ayo mateka ntarengwako ntashobora kugabanywa canke kurengwako kiretse bitumwe n'ineza ya bose canke ukwubahiriza iteka rikuru.

**Ingingo ya 20**

Abanyagihugu bose barafise amateka n'ivyo basabwa.

## 1. AMATEKA NGENDERWAKO UMUNYAGIHUGU N'UMUNTU WESE AFITIYE UBURENGANZIRA

**Ingingo ya 21**

Zina muntu wese arasonerwa kandi agakingirwa. Guhonyanga agateka ka zina muntu birahanwa n'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

**Ingingo ya 22**

Abanyagihugu bose barangana imbere y'Itegeko kandi rikabakingira kumwe.

Nta muntu n'umwe akumirwa kubera amamuko yiwe, ibara ry'urukoba rwiwe, ubwoko bwiwe, igitsina ciwe, ururimi avuga, uko abayeho mu gihugu, idini ryiwe, ivyiyumviro nyamukuru vyiwe ku vyerekeye ubuzima canke intwaro y'igihugu canke kubera ubumuga canke kubera ko afise umugera wa SIDA canke iyindi ngwara iyo ariyo yose idakira.

**Ingingo ya 23**

Nta muntu n'umwe azorenganywa na Leta canke inzego zayo. Leta itegerezwa gushumbusha urnuntu uwo ariwe wese yarenganijwe bivuye kuri Leta canke bivuye ku nzego zayo.

**Ingingo ya 24**

Umugore wese, umugabo wese arafise uburenganzira bwo kubaho.

**Ingingo ya 25**

Umugore wese, umugabo wese arafise uburenganzira bwo kwishira no kwizana mu buzima bwiwe nko kudasinzikarizwa amagara ku mubiri canke mu mutwe kandi akagira uburengazira bwo kuja iyo ashaka. Nta muntu ashobora gusinzikarizwa amagara, ngo afatwe nk'inyamaswa canke akurweko agateka.

**Ingingo ya 26**

Nta muntu n'umwe azogirwa umuja canke umushumba. Ubuja n'ugucuruza abaja mu buryo ubwo aribwo bwose birabujijwe.

**Ingingo ya 27**

Leta iritaho mu buryo bwose bushoboka ko abanyagihugu bafise uburyo bukwiye bwo kubaho bubereye zina muntu.

**Ingingo ya 28**

Umukenyezi wese, umugabo wese arafise uburenganzira bwo kwubahirizwa mukwigenga mu buzima bwiwe n'ubwo umuryango wiwe, mu rugo rwiwe no mu vyo ayaga n'abandi bimwega.

**Ingingo ya 29**

Uburenganzira bwo kwabirana burubahirizwa, co kimwe no kwitorera uwo mwabirana. Ukwabirana gushoboka iyo abashaka kwabirana bavyiyemereye ata gahato.

Ukwabirana kw'abafise igitsina kimwe kurabujijwe.

**Ingingo ya 30**

Umuryango ni wo shingiro rya kamere ry'igihugu. Ukwabirana niyo nkingi yawo yemewe n'amategeko.

Igihugu gitegerezwa kwitaho bidasanzwe ivyerekeye umuryango no kwabirana.

Abavyeyi basanganywe uburenganzira kama bwo kurera neza abana babo kandi barabitegerezwa. Mu kurangura iryo banga bashigikirwa n'igihugu n'amakomine.

Imiryango, abanyagihugu mbere n'igihugu cose bitegerezwa gukingira bimwe biboneka abana kubera ko bakiri bato.

**Ingingo ya 31**

Umuntu wese arubahirizwa mu bwigenge mu kuvuga, Leta irubahiriza ko umuntu agira ubwigenge mw'idini ashaka, mu vyiyumviro vyiwe, agakurikiza uko umutima wiwe umubariye.

**Ingingo ya 32**

Ubwigenge bwo gutunganya inama no kuja hamwe cokimwe n'ugushinga amashirahamwe, birubahirizwa hisunzwe amabwirizwa.

**Ingingo ya 33**

Abarundi bose barafise uburenganzira bwo kuja no kugerera ata nkomanzi ahariho hose mu Burundi, kuhimuka canke kuhagaruka.

**Ingingo ya 34**

Nta muntu n'umwe ashobora kwakwa ubwenegihugu, canke kwakwa ububasha bwo kubuhindura.

**Ingingo ya 35**

Leta irabungabunga kandi igakoresha mu buryo bubereye amatungo kama y'igihugu itibagiye kubahiriza ibidukikije no kuziganya ayo matungo ku neza y'abazovuka munyuma.

**Ingingo ya 36**

Umuntu wese afise uburenganzira bwo kuganza ivyiwe bimwegukira.

Ntawushobora kubimuterako, kiretse ku neza y'igihugu, kuvyavuzwe bikongera bigategekanywa n'Itegeko, kandi abanje gushumbushwa bikwiye kiretse iyo ari gukurikiza urubanza rwacitse ubutagisubirwamwo kuko atayungururizo risigaye.

**Ingingo ya 37**

Uburenganzira bwo gushinga no kwinjira mu mashirahamwe aharanira ineza y'abakozi n'uburenganzira bwo guhagarika imirimo buremewe.

Ibwirizwa ni ryo ritegekanya ingene ubwo burenganzira bukoreshwa kandi rigashobora kubuza imirwi imwe imwe y'abakozi guhagarika imirimo.

Ivyo arivyo vyose, ubwo burenganzira ntiburekuriwe intwaramiheto n'abajejwe umutekano.

**Ingingo ya 38**

Umuntu wese, mu rubanza rwa Sentare canke rwo mu ntwaro, arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa bikwiye atakarenganyo kandi agacirwa urubanza mu kiringo gikwiye, cumvikana.

**Ingingo ya 39**

Nta muntu n'umwe ashobora kwakwa ubwigenge bwiwe kiretse birekuwe n'Ibwirizwa.

Nta muntu n'umwe ashobora gukurikiranwa, gufatwa, gufungwa canke gucirwa urubanza kiretse mu bihe bitegekanijwe n'Ibwirizwa ryatangajwe imbere yuko ivyaha yagirizwa bikorwa.

Uburenganzira bw'ukwiregura no kwisigura burubahirizwa imbere ya Sentare zose.

Ntawushobora kubuzwa ku gahato kuburana imbere ya Sentare Ibwirizwa ritegekanya.

**Ingingo ya 40**

Umuntu yagirijwe icaha afatwa nkuko ataco yakoze gushika acirwe urubanza ruvyemeza hakurikijwe amategeko mu ntahe y'icese kandi akaba yaronse uburyo bukwiye bw'ukwiregura.

**Ingingo ya 41**

Ntawushobora guhanwa kubera ivyo yakoze canke ivyo yirengagije, kandi bitari vyemewe ko ari ivyaha igihe yabikora.

Bisubiye, umuntu ntashobora guhabwa igihano kirengeye icari gitegekanijwe igihe yakora icaha kimwagiriye.

**Ingingo ya 42**

Nta n'umwe ashobora gupfungwa hadakurijwe uko amabwirizwa abitegekanya na cane cane nk'iyo umutekano ushobora guhungabana canke iyo igihugu kigeramiwe.

**Ingingo ya 43**

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo gutunganya ivyiwe atawumwinjiriye kubera akarenganyo mu rugo rwiwe, mu twiwe n'abiwe no mu makete yanditse canke yandikiwe. Ntawurekuriwe kandi gukurako urupfasoni umuntu n'ukumwandagaza.

Ntawushobora gutegeka gusaka canke kwitera mu nzu y'umuntu atisunze amabwirizwa abitegekanya.

Amabwirizwa arubahiriza amabanga ari mu makete no mu bundi butumwa.

**Ingingo ya 44**

Umwana wese arafise uburenganzira bwo gufatirwa ingingo zimukwiye z'ukumubungabunga canke zimworohereza kurusha uko abayeho, amagara yiwe, umutekano wiwe, ukudafatwa bunyamaswa canke gucurwa bufuni na buhoro canke gukoreshwa ivyo kunguvu.

**Ingingo ya 45**

Birabujijwe ko umwana uwo ariwe wese ajanwa ku rugamba. Mu gihe c'intambara, abana bategerezwa gukingirwa.

**Ingingo ya 46**

Birabujijwe gupfunga umwana kiretse ata kundi vyogenda, naho nyene agapfungwa igihe gito gishoboka.

Umwana wese apfunzwe ategerezwa gutandukanywa n'imbohe zirenza imyaka cumi n'itandatu y'amavuka kandi agafatwa mu buryo bukwiranye n'imyaka yiwe.

**Ingingo ya 47**

Ikintu cose kigabanya amateka ntarengwako gitegerezwa kuba gishimikiye kw'Ibwirizwa ; imvo yaco igatumwa n'ineza ya bose canke ugukingira amateka ntarengwa y'abandi, kikaba gikwiranye n'ineza ironderwa.

**Ingingo ya 48**

Amateka ngenderwako ategerezwa kwubahirizwa mu bisata vyose vy'ubutungane, vy'intwaro hamwe n'inzego zose z'igihugu. Ibwirizwa shingiro ni ryo risumba ayandi yose kandi urwego nshingamateka, urwego nshikiranganji n'urwego rw'amasentare zitegerezwa kuryisunga. Ibwirizwa ryose riteye kubiri n'iri Bwirizwa shingiro riba imfagusa.

**Ingingo ya 49**

Nta munyagihugu ashobora kwangazwa.

**Ingingo ya 50**

Umuntu ahungiye mu Burundi arakirwa hakurikijwe amabwirizwa.

Ukurungikira ikindi gihugu umuntu kugira kimukurikirane bishoboka gusa igihe Ibwirizwa ribirekura.

Nta murundi ashobora gushirwa mu minwe y'ikindi gihugu kiriko kiramukurikirana kiretse iyo akurikiranwa na Sentare mpanavyaha mpuzamakungu ku caha c'ihonyabwoko, ku caha co mu ngwano canke ku bindi vyaha vyitwa ko bikorewe isi yose vy'agahomera bunwa.

**Ingingo ya 51**

Umurundi wese arafise ijambo mu vyerekeye intwaro no mu gutunganya ivy'igihugu, yiserukiye we nyene canke aciye ku bamuserukira ariko bidateye kubiri n'amabwirizwa abitegekanya nk'ayerekeye imyaka y'amavuka n'ayerekana ababikwiye.

Umurundi wese arashobora kandi gushingwa amabanga y'igihugu ciwe.

**Ingingo ya 52**

Umunyagihugu wese akwiye kuronka ibimufasha mu mateka yerekeye ubutunzi, imibano, imico bikenewe kugira ngo yiteze imbere, aronke iteka rimukwiye bivuye ku kigoro k'igihugu kandi hisunzwe uburyo igihugu gifise.

**Ingingo ya 53**

Umurundi uwariwe wese arafise uburenganzira bungana n'ubwabandi bwo kuronka inyigisho, indero n'imico kama.

Leta itegerezwa gutunganya inyigisho mu mashuli yayo kandi ikorohereza abajamwo.

Ariko, uburenganzira bwo gushinga amashure y'abigenga buremewe ariko butegekanywa n'Itegeko.

**Ingingo ya 54**

Leta iremera ko abanyagihugu bose bakwiye kuronka uburenganzira bw'akazi. Irakora uko ishobora kwose kugira ishireho ibikenewe kugira ubwo burenganzira bushobore kuja mu ngiro. lrubahiriza umukozi wese kugira ngo aronke impembo ikwiranye n'amabanga arangura canke umwimbu wiwe kandi akabaho mu buryo bwiza kandi bushimishije.

**Ingingo ya 55**

Umuntu wese afise uburenganzira bwo kuvurwa.

**Ingingo ya 56**

Leta itegerezwa kwitaho no kworohereza iterambere ry'igihugu cane cane iterambere ryo hagati mu gihugu.

**Ingingo ya 57**

Abantu bose bategerezwa kuronka impembo ingana iyo bakora akazi kamwe kandi babishoboye kumwe.

**Ingingo ya 58**

Umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa mu bikorwa aranguye bimutera iteka canke bikamugirira akamaro, vyaba ivyo ahinguye k'ubuhinga, mu vyo yanditse canke mu vy'utugenegene yakoze bwite.

**Ingingo ya 59**

Umunyamahanga wese aba mu Burundi ategerezwa gukingirwa mu buzima bwiwe no mu matungo yiwe nk'uko iri bwirizwa shingiro n'ayandi mabwirizwa abitegekanya.

Umunyamahanga ariko arakurikiranwa ku caha c'ihonyabwoko, icaha citwa ko cakorewe isi yose c'agahomera bunwa canke icaha co mu ngwano canke icaha c'iterabwoba arashobora gushikirizwa igihugu kimurondera.

**Ingingo ya 60**

Ubutegetsi bw'ubutungane nibwo bukingira amateka n'ubwigenge bw'abantu, rugacungera iyubahirizwa ryayo nkuko bitegekanijwe n'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 61**

Nta muntu n'umwe ashobora kwitwaza ivyo arekuriwe n'Ibwirizwa Shingiro canke Ibwirizwa kugira ngo ahungabanye ubumwe bw'abarundi, amahoro, intwaro rusangi, ukwikukira kw'Uburundi, kuburabuza ingendo ivuga yuko igihugu kitegamiye idini na rimwe canke akarenga mu bundi buryo bwose iri Bwirizwa Shingiro.

## 2. IBISABWA UMUNYAGIHUGU N'UMUNTU WESE

**Ingingo ya 62**

Umuntu wese ategerezwa kwubaha abo basangiye igihugu akabereka ko abasonera ata gukumira.

**Ingingo ya 63**

Umunyagihugu wese arafise ibikorwa ajejwe kurangurira umuryango n'abantu, igihugu, komine n'akarere ariwo.

**Ingingo ya 64**

Umurundi wese ategerezwa kwama abungabunga kandi akomeza ubumwe mu gihugu yisunze Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi.

**Ingingo ya 65**

Umuntu wese ategerezwa kwubaha amabwirizwa n'inzego za Republika.

**Ingingo ya 66**

Umurundi wese ategerezwa gushigikira iterambere ry'umuryango n'ugukora atiziganya kugira ngo uwo muryango ugume ufatanye mu nda kandi ugumane icubahiro. Ategerezwa kwama asonera abamwibarutse, akabaronsa imfugurwa, akabafasha, akabaraba igihe cose bikenewe.

**Ingingo ya 67**

Umuntu wese ategerezwa gusonera no guha icubahiro abandi ata gucagura, no gukomeza imigenderanire iteza imbere kandi igatsimbataza ugusoneranira n'ukwihanganiranira.

**Ingingo ya 68**

Umurundi wese, mu mibano yiwe n'abandi, ategerezwa kwama yigenza neza ku buryo akingira akongera agakomeza imico myiza y'igihugu. Ategerezwa kandi guterera agacumu k'ubumwe mu kwubaka igihugu c'iteka n'ubuntu.

**Ingingo ya 69**

Amatungo y'igihugu ategerezwa kwubahirizwa ; kirazira kuyonona. Umuntu wese ategerezwa kuyasonera bimwe biboneka n'ukuyakingira. Umurundi wese ategerejwe gukingira amatungo y'igihugu.

Umuntu wese yononye itunga ry'igihugu, mu kumenagura canke mu gusambura, mu kurya ibiturire, mu kunyuruza, mu gusesagura canke akoresheje ubundi buryo ubwo aribwo bwose bw'ukwonona amatungo y'igihugu arahanwa hakurikijwe Ibwirizwa.

**Ingingo ya 70**

Abanyagihugu bose bategerezwa kurangura ivyo vyose igihugu kibakeneyeko n'ukukirwanira.

Umunyagihugu wese ategerezwa gukorera ineza ya bose kandi akarangura imirimo ajejwe.

Bose bategerezwa gutanga intererano igihugu kibaronderako. Amabwirizwa niyo yonyene arekurira umuntu kutayitanga.

Leta irashobora gusaba ko abantu bose batabara iyo hateye ikiza mu gihugu.

**Ingingo ya 71**

Umurundi wese ashinzwe canke yatorewe amabanga y'igihugu ategerezwa, ku neza ya bose, kuyarangurana umutima, ubutungane, ubwira, ntahemuke agashira imbere ineza y'igihugu.

**Ingingo ya 72**

Umurundi wese ategerezwa gukingira intahe y'igihugu n'imbibe za co.

Umurundi wese ategerezwa kwama agavye kandi agaterera agacumu k'ubumwe mu kurwanira igihugu c'amavukiro.

Umurundi wese n'umunyamahanga wese aba mu Burundi ategerezwa kwirinda uguhungabanya umutekano w'i gihugu.

**Ingingo ya 73**

Umuntu wese ategerezwa guterera agacumu k'ubumwe mu kubungabunga amahoro, intwaro rusangi n'ubutungane kuri bose.

**Ingingo ya 74**

Umurundi wese ategerezwa guterera agacumu k'ubumwe mu kwubaka n'uguteza imbere igihugu mu kurangura neza ibikorwa yashinzwe.

## IGICE CA III
## IMIGAMBWE

**Ingingo ya 75**

Imigambwe myinshi iremewe muri Republika y'Uburundi.

**Ingingo ya 76**

Imigarnbwe irashobora gushingwa ata nkomanzi hakurikijwe Ibwirizwa. Iyo migambwe yemererwa gukora hakurikijwe ibwirizwa.

Menya neza

Raba Itegeko n$^{o}$ 1/006 ryo ku wa 26 Ruheshi 2003 rigenga ingene imigambwe itunganywa n'ingene ikora.

**Ingingo ya 77**

Umugambwe ni ishirahamwe ry'abantu badaharanira inyungu y'amafaranga, rihuza abanyagihugu bafise imigambi irashe y'ukwubaka igihugu kirangwa n'intwaro rusangi ishimikiye ku bumwe bw'abarundi, rikaba rifise imigambi ryisangije n'intumbero zitomoye, rigaharanira ineza n'iterambere rya bose n'ukubaho neza kw'abanyagihugu bose.

**Ingingo ya 78**

Mw'itunganywa ryayo n'ingene ikora, imigambwe itegerezwa kwisunga ingingo ngenderwako ziranga intwaro rusangi. Ikemera kwinjirwamwo n'abarundi bose, bikagaragarira mu rwego nyobozi. Kirazira ko ishira imbere ugukoresha igikenye, ugukumira n'urwanko uko bimera kwose, nk'urufatira ku moko, intara, idini canke igitsina.

**Ingingo ya 79**

Imigambwe n'urunani rw'imigambwe itegerezwa gukora ku buryo mu matora umuntu atora uko ashaka, igakora ivya politike mugihugu hadakoreshejwe igikenye biciye mu mahoro.

**Ingingo ya 80**

Ibwirizwa rirubahiriza imigambwe kugira ngo inzego za Leta ntizisuke mu buryo imigambwe ikora, kiretse iyo ari ukubuza ibijanye n'urwanko rushimikiye ku moko, kuri politike, intara, idini canke igitsina n'ukubungabunga umutekano.

**Ingingo ya 81**

Imigambwe irashobora kugira urunani rw'imigambwe mu gihe c'amatora mu buryo butegekanijwe n'Ibwirizwa rigenga amatora.

**Ingingo ya 82**

Inzego zo kwivuna abansi n'umutekano hamwe n'abacamanza n'abashikirizamanza ntibarekuriwe kwinjira mu migambwe igihe bagikora ayo mabanga.

**Ingingo ya 83**

Birabujijwe ko imigambwe ihabwa imfanshanyo y'amafaranga ivuye mu mahanga kiretse igihe rimwe na rimwe hari Ibwirizwa ribirekuye.

Imfashanyo y'amafaranga iyo ariyo yose yoshobora kubangamira ukwikukira kw'igihugu n'ukukibuza kwitunganiriza ivyaco irabujijwe.

Ibwirizwa ni ryo ritomora kandi rikaringaniza aho imfashanyo z'imigambwe zikomoka.

**Ingingo ya 84**

Mu ntumbero yo gutsimbataza intwaro rusangi, Ibwirizwa rirashobora kurekurira imigambwe kuronka imfashanyo ku buryo bungana, hakurikijwe igitigiri c'intebe iyo migambwe ifise mu Nama nshingamateka. Iyo mfashanyo ishobora kuba ari iyo gufasha imigambwe mw'irangurwa ry'ibikorwa vya yo vya misi yose canke mu gihe c'ukwiyamamaza mu matora, kandi yotangwa kumugaragaro. Ubwoko bw'imfashanyo n'ukoroherezwa Leta ishobora kwemerera imigambwe bitomorwa n'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 85**

Uburyo imigambwe ishingwa, ingene ikora n'ingene ihagarika ibikorwa vyayo butegekanywa n'Ibwirizwa.

## IGICE CA IV
## AMATORA

**Ingingo ya 86**

Uburenganzira bwo gutora buremejwe.

**Ingingo ya 87**

Abanyagihugu batora mu mwidegemvyo, ku mugaragaro, hakurikijwe amategeko. Ibwirizwa rigenga amatora ni ryo ribitomora.

**Ingingo ya 88**

Amatora aringanizwa mu butungane ata nkunzi, ku rwego rw'igihugu, rw'amakomine, ku rwego rw'imitumba no ku zindi nzego zitegekanijwe n'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 89**

Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose urubahiriza ko abantu batora mu mwidegemvyo, ata nkunzi n'uko amatora aba ata gitsure.

**Ingingo ya 90**

Uwo murwi ugizwe n'abantu batanu ataho begamiye. Abawugize bagenwa n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu babanje kwemerwa n'ibice bitatu vya bine vy'abashingamateka n'abakenguzamateka, bamwe bose batora ukwabo.

**Ingingo ya 91**

Uwo murwi ujejwe amabanga akurikira :

*a)* kuringaniza amatora ku rwego rw'igihugu, rw'amakomine n'urwo ku mitumba ;

*b)* gucungera ko abanyagihugu batora mu mwidegemvyo, hakurikijwe amategeko kandi ku mugaragaro ;

*c)* gutangaza ivy'imfatakibanza ivyavuye mu matora mu kiringo gitegekanijwe n'Ibwirizwa ;

*d)* gutangaza ibitegekanijwe, inyifato n'ido n'ido ry'ingene ibintu bitegerezwa kugenda harimwo ibibanza vy'ugutoreramwo n'amasaha amatora atangurirako ;

*e)* kwakira abitwara ku vyerekeye iyubahirizwa ry'amabwirizwa agenga amatora n'ukubaha inyishu ; ingingo zishinzwe n'uwo murwi ntizigira iyungururizo ;

*f)* gucungera hakurikijwe amategeko avyerekeye ko kwiyamamaza bidakorwa ku buryo bwo kwosha abantu badasangiye ubwoko ngo batane mu mitwe canke mu bundi buryo bwose buteye kubiri n'iri Bwirizwa shingiro ;

*g)* kwubahiriza ko ingingo z'iri Bwirizwa shingiro zerekeye ubudasa bw'amoko hamwe n'ibitsina zisonerwa bakihweza n'amatati azerekeye.

## *IGICE CA V*
## *UBUTEGETSI NSHINGWABIKORWA*

**Ingingo ya 92**

Ubutegetsi nshingwabikorwa bufiswe n'Umukuru w'igihugu, Ivyegera bibiri vy'Umukuru w'igihugu n'abagize Leta.

**Ingingo ya 93**

Ibwirizwa ngenderwako ni ryo rishinga agahembo n'ubundi buryo bihabwa Umukuru w'igihugu, ivyegera vy'Umukuru w'igihugu n'abagize urwego nshikiranganji, kandi rigatomora ibikorwa bitabangikana n'ayo mabanga.

Riratomora kandi amategeko yerekeye gutegekanirizwa kazoza kabo.

**Ingingo ya 94**

Igihe batanguye kurangura amabanga yabo n'igihe bayarangije, Umukuru w'igihugu, ivyegera vy'Umukuru w'igihugu n'abagize urwego nshikiranganji bategerezwa kumenyesha batabesha amatungo yabo mu rwandiko bashikiriza Sentare ntahinyuzwa.

### 1. UMUKURU W'IGIHUGU

**Ingingo ya 95**

Umukuru wa Republika akaba Umukuru w'igihugu niwe fatiro ry'ubumwe bw'abarundi, ategerezwa kubahiriza Ibwirizwa shingiro akubahiriza ko ubuzima bw'igihugu bubandanya kandi ko inzego z'igihugu ziguma zikora neza.

Umukuru w'igihugu niwe nkinzo y'intahe y'ukwikukira n'imbibe z'igihugu kandi niwe yubahiriza amasezerano n'imyumvikano Uburundi bugiriranira n'amakungu.

**Ingingo ya 96**

Umukuru w'igihugu yitorerwa n'abarundi bo nyene ubwabo, akamara muri iryo banga ikiringo c'imyaka itanu, agashobora gusubira kwitoza rimwe gusa.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/015 ryo ku wa 20 Ndamukiza 2005 ritomora ibijanye n'amatora, ingingo ya 185 gushika ku 207 (*I.I.B.*, n° 4, p. 1).

**Ingingo ya 97**

Uwitoza mu mabanga y'Umukuru w'igihugu ategerezwa :

1. kuba afise uburenganzira bwo gutora nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa rigenga amatora ;

2. kuba afise ubwenegihugu bw'Umurundi yaronse akivuka ;

3. kuba akwije imyaka mirongo itatu n'itanu igihe c'amatora ;

4. kuba aba mu Burundi igihe yiyandikisha ngo yitoze ;

5. kuba afise amateka y'ubwigenge na politike yose yemerewe umunyagihugu ;

6. kwemeza mu rwandiko ko azokwisunga Ibwirizwa Shingiro n'Amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi.

Bitayeko, uwitoza mu mabanga y'Umukuru w'igihugu ategerezwa kuba atigeze yagira icaha gikomeye canke gisanzwe co mu mategeko rusangi gihanishwa igihano gitegekanywa n'Ibwirizwa rigenga amatora.

Ibwirizwa rigenga amatora ni ryo ritomora ikiringo uwitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu azoba amaze kuva ahejeje igihano kugira ngo yemererwe kwitoza.

**Ingingo ya 98**

Abitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu bashobora gushikirizwa n'imigambwe ya bo canke bakitoza ku giti cabo.

Uwushobora kwitoza ku giti ciwe ni uwiyandikisha kwitoza adashikirijwe n'umugambwe n'umwe.

**Ingingo ya 99**

Uwitoza mw'ibanga ry'Umukuru w'igihugu ategerezwa guhagarikirwa n'umurwi w'abantu amajana abiri atoye bava mu moko yose n'ibitsina vyose.

Abo bantu bamuhagarikira bategerezwa kuba bakwije ibisabwa abashaka kwitoza mw'ibanga ry'abashingamateka.

**Ingingo ya 100**

Umukuru w'igihugu ntashobora kubangikanya ibanga ryiwe n'ayandi mabanga hamwe n'uwundi murimo w'igihugu canke umwuga uwo ariwo wose.

**Ingingo ya 101**

Igihe uwitoza mu mabanga y'Umukuru w'igihugu yatowe yari asanzwe ari umukozi wa Leta aca aba arabangiriye kurangura iyo mirimo kuva aho ivyavuye mu matora bitangarijwe.

Mu gihe yari asanzwe akora akandi kazi atari aka Leta, agahemberwa canke atagahemberwa, yikorera canke akorera uwundi, aca ahagarika akazi ako ari ko kose kuva aho ivyavuye mu matora bitangarijwe.

**Ingingo ya 102**

Mw'itora ry'Umukuru w'igihugu, uwutora atora izina rimwe mu bitoje kandi hateganijwe incuro zibiri.

Umukuru w'igihugu atorwa yemejwe n'amajwi arenga ica kabiri c'abatoye. Iyo mu bitoje ata n'umwe yashikanye ayo majwi haca haba irindi tora mu minsi cumi n'itanu.

Ico gihe abemerewe kwitoza ni babiri bambere barushije abandi amajwi. Hagize uwikumira muri bo asubirirwa n'uwurusha abandi amajwi mu basigaye.

Muri iryo tora rya kabiri, uwarushije uwundi amajwi niwe yemezwa mw'ibanga ryo kurongora igihugu.

**Ingingo ya 103**

Umukuru w'igihugu atangura kurangura amabanga yiwe kuva umunsi arahiriyeko. Ikiringo ciwe kirangira umunsi uwatowe ngo amusubirire ashikirijwe amabanga ajejwe.

Itora ry'Umukuru w'igihugu rikurikira ritunganywa mu gihe kitari munsi y'ukwezi kandi kitarenga amezi abiri imbere y'uko ikiringo c'Umukuru w'igihugu kirangira.

**Ingingo ya 104**

Iyo Umukuru w'igihugu yiyandikishije ngo asubire kwitoza ntashobora kubogoza Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

Kuva umunsi bitangajwe ko yiyandikishije gushika ku munsi w'itora, Umukuru wigihugu ntashobora gushinga amategekobwirizwa nk'uko birekuwe n'ingingo ya 195 y'iri Bwirizwa nshingiro.

Iyo bikenewe, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka ziratumwako mu nama idasanzwe.

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

**Ingingo ya 105**

Ibwirizwa rigenga amatora riratomora izindi ngingo zerekeye itorwa ry'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 106**

Igihe atanguye kurangura amabanga y'igihugu, Umukuru w'igihugu ararahira icese, indahiro ikurikira ikakirwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, imbere y'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoranye, avuga ati :

*« Imbere y'abarundi bose bo bene igihugu, jewe (akavuga izina ryiwe) Umukuru w'igihugu c'Uburundi, ndarahiye ko ntazotirigana ku Masezerano y'Ubumwe bw'abarundi, kw'Ibwirizwa shingiro rya Republika y'Uburundi n'ayandi mabwirizwa kandi ndemeye ko nzoharanira ntiziganya ineza y'Uburundi n'abarundi, nkubahiriza ubumwe bw'abarundi, amahoro n'ubutungane kuri bose. Ndemeye kurwanya ivyiyumviro n'ingendo y'ihonyabwoko n'ugukumirana, guharanira no guteza imbere agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu bose no kwubahiriza imbibe n'ukwikukira kwa Republika y'Uburundi ».*

**Ingingo ya 107**

Umukuru w'igihugu arafise ububasha bwo gushinga amategeko kandi akubahiriza ikurikizwa ry'amabwirizwa. Akoresha ubwo bubasha mu gushinga amategeko ashirwako igikumu, bikenewe, n'Icegera c'Umukuru w'igihugu n'Umushikiranganji vyerekeye.

Nta kindi gikumu gikenewe iyo Umukuru w'igihugu ashinze Itegeko yisunze ingingo za 110, 113, 114, 115, 197, 198, 297 na 298 z'iri Bwirizwa nshingiro.

Umukuru w'igihugu arashobora gutuma Ivyegera vyiwe ngo bimurangurire amabanga ajejwe kiretse ayadondaguwe mu gahimba ka kabiri k'iyi ngingo.

**Ingingo ya 108**

Umukuru w'igihugu niwe agena akongera akabogoza abagize urwego nshikiranganji abanje kugisha inama ivyegera vyiwe.

**Ingingo ya 109**

Umukuru w'igihugu ni we mukuru wa Leta kandi ni we arongora Inama nshikiranganji.

**Ingingo ya 110**

Umukuru w'igihugu ni we kizigenza mu ntwaramiheto no mu bajejwe umutekano. Ni we afata ingingo yo kugomora ingabo akongera agashira igikumu ku masezerano yo guhagarika ingwano abanje kugisha inama urwego nshikiranganji, abarongoye Inama nshingamateka, abarongoye Inama nkenguzamateka hamwe n'Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano.

**Ingingo ya 111**

Umukuru w'igihugu ni we agena abakozi bakuru bakuru mu nzego z'igihugu no mu ntwaramiheto.

Ibwirizwa riringaniza ni ryo ritomora imirwi y'imirimo y'abavurwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo.

Igenwa ry'abakozi bakuru bakuru mu nzego z'igihugu no mu ntwaramiheto nk'uko bitomowe mu gace ka 9 k'ingingo ya 187 y'iri Bwirizwa nshingiro ntirishobora gukurikizwa ritemejwe n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 112**

Umukuru w'igihugu ni we agena akongera agahamagaza abaserukira Uburundi n'izindi ntumwa mu makungu ; niwe kandi yakira, agasezera abaserukira ibindi bihugu mu Burundi hamwe n'intumwa zidasanzwe zivuye mu makungu.

**Ingingo ya 113**

Umukuru w'igihugu arafise ububasha bwo kugirira ikigongwe abaciriwe ibihano mu manza z'ivyaha ; ubwo bubasha abukoresha abanje guhanuza Ivyegera bibiri vy'Umukuru w'igihugu, Inama nkuru y'abacamanza n'abashikirizamanza yatanze iciyumviro ca yo.

**Ingingo ya 114**

Umukuru w'igihugu niwe atanga ibidari vy'iteka n'ibindi bimenyetso biranga abatewe iteka n'igihugu.

**Ingingo ya 115**

Mu gihe inzego z'igihugu, ukwikukira kwa co, imbibe za co canke ikurikizwa ry'amasezerano gifitaniye n'amakungu bigeramiwe cane, kandi inzego nshingwantwaro z'igihugu zikaba zitagikora, Umukuru w'igihugu arashobora gushinga Itegeko-bwirizwa ryo kumera magabo nk'igihugu kiri mu ngwano kandi agafata n'ingingo zose abona ko zikenewe, abanje guhanuza icese urwego nshikiranganji, abarongoye ibiro vy'Inama nshingamateka, na nkenguzamateka, Inama nkuru y'igihugu ijejwe umutekano hamwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro.

Arabimenyesha mw'ijambo ashikiriza abanyagihugu.

Izo ngingo zitegerezwa gufatira ku gushaka kworohereza inzego zose z'igihugu mu maguru masha mu mabanga zijejwe.

Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro irahanuzwa kuri izo ngingo.

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka ntizishobora kubogozwa mu kiringo Umukuru w'igihugu atwara yishimikije ubwo bubasha aronka mu gihe igihugu kigeramiwe.

**Article 116**

Umukuru w'igihugu arashobora gukurwa mu mabanga yiwe iyo akoze ikosa rinyomoje, kurenza urugero binyomoje, kurya igiturire, maze iyo ngingo igafatwa n'ibice bibiri vya bitatu vy'abagize Inama nshingamateka na nkenguzamateka zikoraniye hamwe.

**Ingingo ya 117**

Umukuru w'igihugu ntashobora gukwegwa mu manza z'ivyaha kubera ivyo yakoze arangura amabanga yashinzwe kiretse iyo yahemukiye igihugu.

Umukuru w'igihugu ahemuka iyo aciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro canke amabwirizwa, agakora n'impaka ibiteye kubiri n'ineza y'igihugu bihungabanya bimwe bikomeye ubumwe bw'Abar undi, amahoro mu gihugu, ubutungane kuri bose, iterambere ry'igihugu, canke birtyoza cane agateka ka zina muntu, bibangamira imbibe z'igihugu n'ukwikukira kw'igihugu.

Sentare nkuru y'Ubutungane niyo ifise ububasha bwo guca imanza z'icaha co guhemuka.

Nta n'umwe ashobora gufata ingingo yo kwagiriza Umukuru w'igihugu atari Inarna nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoranye, iyo ngingo igashingwa yemejwe n'ibice bibiri vya bitatu vy'abagize izo nzego biciye mu matora yabaye mu mwiherero.

Itohozwa ritegerezwa kugirwa n'umurwi w'abashikirizamanza bakukira Sentare ntahinyuzwa batari munsi ya batatu, barongowe n'Umushikirizamanza kizigenza wa Republika.

**Ingingo ya 118**

Mugihe Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zimaze gutangura kwagiriza Umukuru w'igihugu, Umukuru w'igihugu ntashobora kuzibogoza urubanza rutaracibwa.

**Ingingo ya 119**

Kiretse ingingo Umukuru w'igihugu arekuriwe gufata ubwiwe, atawe abajije, izindi ngingo afata zirashobora kwitwarirwa muri Sentare zibifitiye ububasha.

**Ingingo ya 120**

Ikiringo co kurangura amabanga yiwe kirangiye, Umukuru w'igihugu, arategekanirizwa agahembo ko gukukuruka, hamwe n'utundi turusho no kumworohereza nk'uko amategeko abitegekanya, kiretse iyo yagiriwe n'icaha co guhemukira igihugu.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/020 ryo ku wa 8 Kigarama 2004 ritomora ibijanye n'ingene Umukuru w'igihugu afatwa arangije ikiringo ciwe co kurongora igihugu (*I.I.B.*, 2005, n° 2, p. 1).

**Ingingo ya 121**

Igihe atariho ari canke hagize ikimufatira cane, Umukuru w'igihugu asubirirwa n'Icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu, akarangura mu kibanza ciwe amabanga asanzwe ya minsi yose, nawe atabaye hafi agasubirirwa n'Icegera ca kabiri c'Umukuru w'igihugu.

Mu gihe Umukuru w'igihugu atanze imihoho, asandavye canke hari iyindi mvo iyo ariyo yose imubuza kuba akirangura amabanga ajejwe ; mu kurindira uwundi mushasha, asubirirwa n'Umukuru w'Inama nshingamateka ; uwo nawe atahabaye, agasubirirwa n'Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bagafashanya n'Urwego Nshikiranganji.

Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro, ibisabwe n'Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bafadikanije n'Urwego Nshikiriranganji, ni yo yemeza ko igihugu kitagifise Umukuru waco.

Uwusubiriye Umukuru w'igihugu mu kiringo c'imfatakibanza ntashobora gushinga Leta nshansha.

Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu n'Urwego nshikiranganji basa n'uko batanze imihoho ; nta kindi bashobora kurangura atari imirimo isanzwe ya minsi yose gushika hashinzwe Leta nshasha.

Hatabaye ingorane ikomeye ngo Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ivyemeze, itora ry'uwundi Mukuru w'igihugu riba mu gihe kitari munsi y'ukwezi kandi kitarenga amezi atatu mu nyuma y'ingingo ishinga ko igihugu kitagifise Umukuru waco.

Abategetsi mfatakibanza baragena umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose kugira ngo utunganye ay'Umukuru w'igihugu hakurikijwe Ibwirizwa rihari.

## 2. IVYEGERA VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**Ingingo ya 122**

Mu kurangura amabanga y'igihugu, Umukuru w'igihugu afashwa n'Ivyegera bibiri.

Icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu ajejwe gutunganya ibisata vy'ubushikiranganji vyerekeye politike n'intwaro y'igihugu.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'igihugu ajejwe gutunganya ibisata vy'ubushikiranganji vyerekeye ubutunzi n'imibano.

**Ingingo ya 123**

Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bigenwa n'Umukuru w'igihugu babanje kwemezwa n'abashingamateka hamwe n'abakenguzamateka, urwego rwose rutorera ukwarwo. Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bitorwa mu bashingamateka batowe.

Barashobora kubogozwa mu mabanga bajejwe n'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 124**

Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bava mu moko no mu migambwe idasa.

Hatibagiwe. ibitegekanijwe mu gahimba gaheze, mw'igenwa ryabo hararabwa imigambwe bafashe ubwoko busumba ubundi muriyo.

**Ingingo ya 125**

Icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu arashobora kurongora Inama nshikiranganji abitumwe n'Umukuru w'igihugu, urutonde rw'ivyihwezwa rwashinzwe.

lgihe Icegera ca 1 c'Umukuru w'igihugu afatiriwe, Umukuru w'igihugu aha ubwo butumwa Icegera ca kabiri c'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 126**

Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bifata ingingo, umwe wese mu gisata ajejwe, zituma amategeko y'Umukuru w'igihugu akurikizwa.

Abashiranganji bajejwe kuzikurikiza barashira igikumu ku ngingo zishinzwe n'Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 127**

Igihe batangura kurangura amabanga y'igihugu, Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu bararahira icese mu buryo bukurikira, iyo ndahiro ikakirwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, imbere y'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoranye, bavuga bati :

« Imbere y'abarundi bose bo bene igihugu jewe (akavuga izina ryiwe). Icegera c'Umukuru w'igihugu c'Uburundi, ndarahiye ko ntazotirigana ku Masezerano y'Ubumwe bw'abarundi, kw'Ibwirizwa shingiro rya Republika y'Uburundi n'ayandi mabwirizwa kandi ndemeye ko nzoharanira ntiziganya ineza y'Uburundi n'abarundi, nkubahiriza Ubumwe bw'abarundi, amahoro n'ubutungane kuri bose. Ndiyemeje kurwanya ivyiyumviro n'ingendo z'ihonyabwoko n'ugukumirana, guharanira no guteza imbere agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu bose no mu mukwubahiriza imbibe n'ukwikukira kwa Republika y'Uburundi ».

**Ingingo ya 128**

Mu gihe Icegera c'Umukuru w'igihugu atanze imihoho, asandavye canke hari iyindi mvo iyo ari yo yose imubuza kuba akirangura amabanga ajejwe, haragenwa Icegera c'Umukuru w'igihugu mushasha wo mu bwoko n'umugambwe umwe n'uwo asubiriye hakurikijwe uko uwo asubiriye yari yagenwe, mu kiringo kitarenza iminsi mirongo itatu uwo asubiriye ahavuye.

## 3. LETA

**Ingingo ya 129**

Ubwoko bwose burafise uburenganzira bwo kuja mu rwego nshikiranganji. Urwego nshikiranganji rugizwe n'ibice bitarenga 60 % vy'abashikiranganji n'ivyegera vyabo b'abahutu n'ibice bitarenga 40 % vy'abashikiranganji n'ivyegera vyabo b'abatutsi. Haba harimwo n'imiburiburi ibice 30 % vy'abagore.

Abagize Leta bava mu migambwe yashikanye igice kimwe ca mirongo ibiri c'amajwi mu matora kandi bakaba babishaka. Baronka ivy'ijana bingana n'imiburiburi n'intebe bafise mu Nama nshingamateka.

Iyo Umukuru w'igihugu abogoje Umushikiranganji, amusubiriza abanje kubaza abarongoye umugambwe avamwo.

**Ingingo ya 130**

Umukuru w'igihugu abanje guhanuza Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu baritwararika ko Umushikiranganji w'ukwivuna abansi ataba ava mu bwoko bumwe n'Umushikiranganji ajejwe umutekano.

**Ingingo ya 131**

Leta niyo ishinga imigambi mikuru mikuru y'igihugu, ikurikije ingingo zemejwe n'Inama nshikiranganji zifatwa mu mwumvikano.

**Ingingo ya 132**

Leta itegerezwa kwihweza ingingo zose nkuru nkuru za politike y'igihugu, integuro z'amasezerano y'Uburundi n'amakungu, integuro z'amabwirizwa, integuro z'amategeko y'Umukuru w'igihugu, amategeko y'Icegera c'Umukuru w'igihugu n'amategeko nshikiranganji yerekeye ingingo zikomeye.

**Ingingo ya 133**

Abagize Leta bagenzurwa n'Umukuru w'igihugu.

Igihe batangura kurangura amabanga yabo, abagize urwego nshikiranganji bararahira icese imbere y'Umukuru w'igihugu n'imbere y'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka. Mu buryo bukurikira :

« Imbere y'Umukuru wigihugu, n'imbere y'Inama nshingamateka na nkenguzamateka jewe (avuga izina ryiwe) ndarahiye ko ntazotirigana ku Masezerano y'Ubumwe bw'abarundi, kw'Ibwirizwa nshingiro rya Republika y'Uburundi n'ayandi mabwirizwa kandi ndiyemeje ko nzoharanira ntiziganya ineza y'Uburundi n'abarundi, nkubahiriza ubumwe bw'abarundi, amahoro n'ubutungane kuri bose, mu kurangura amabanga njejwe. Ndiyemeje kurwanya ivyiyumviro n'ingendo z'ihonyabwoko n'ugukumirana, guharanira no guteza imbere agateka ka zina muntu n'ako abanyagihugu bose ».

**Ingingo ya 134**

Abagize Leta nibo bashinga ingingo zose zituma amategeko y'Umukuru w'igihugu n'y'Icegera c'Umukuru w'igihugu akurikizwa. babicishije mw'Itegeko nshikiranganji.

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

**Ingingo ya 135**

Abagize Leta nibo bagena canke bagashikiriza abagenwa mu mabanga y'intwaro mu gihugu hamwe n'abaserukira Uburundi mu makungu bisunze kunganisha amoko, intara, imigambwe n'ibitsina.

**Ingingo ya 136**

Abagize Urwego Nshikiranganji barakurikiranwa ku vyaha bakoze bagishinzwe amabanga y'igihugu. Bacirwa urubanza muri Sentare Ntahinyuzwa.

**Ingingo ya 137**

Amabanga y'abashikiranganji ntabangikanywa n'iyindi mirimo y'igihugu canke y'abashingamateka n'abakenguzamateka.

## 4. INTWARO MU NTARA NO MUNTWARO Y'IGIHUGU

**Ingingo ya 138**

Buramatari, w'intara niwe aserukira ubutegetsi shingwantwaro akaba ari we agenzura ubuzi bwose burangurirwa mu ntara arongoye.

Buramatari w'intara afise kandi ububasha ahabwa n'amabwirizwa n'amategeko.

**Ingingo ya 139**

Bulamatari ategerezwa kuba ari umurundi, atari intwaramiheto, akaba imvukira, aturuka mu ntara arongoye kandi akaba ayibamwo.

Agenwa n'Umukuru w'igihugu abanje guhanuza Ivyegera vy'umukuru w'igihugu canke bikemezwa n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 140**

Abarongoye intwaro barangura amabanga bajejwe bisunze ingendo iranga intwaro rusangi, ingingo ziri mw'Ibwirizwa shingiro n'ayandi mabwirizwa.

Menya neza

Raba Itegeko ry'Umukuru w'igihugu n° 1/009 ryo ku wa 6 Ruheshi 1998 rigenga abakozi ba Leta (*I.I.B.*, 2005, n° 2, p. 1).

**Ingingo ya 141**

Abakozi ba Leta bose barangura amabanga bajejwe mu buryo batunganiriza neza ababirukira bose ata nkunzi kandi mu butungane. Ukunyuruza amafaranga y'igihugu, kurya ibiturire, gutoza amafaranga ku nguvu n'ugusesagura itunga ry'igihugu birahanwa hakurikijwe amategeko.

**Ingingo ya 142**

lntwaro y'igihugu igabanganijwe mu bushikiranganji, kandi Umushikiranganji wese aramenyesha Umukuru w'igihugu ingene ubushikiranganji ajejwe burangura amabanga bwashinzwe n'ingene amafaranga bwagenewe akoreshwa.

**Ingingo ya 143**

Mu ntwaro, abarundi bose bategerezwa kuba baserukiwe bikwiye mu budasa bwa bo. Ugutanga akazi gutegerezwa kwisunga ko abakarondera bakwije ibisabwa n'amategeko hakurikijwe ubutungane n'ukwitwararika gukosora ivyerekeye urugero rw'ingene abanyagihugu baserukirwa, bikaringanizwa mu buryo abanyagihugu bo mu moko yose, intara zose n'ibitsina baserukirwa. Mu mashirahamwe ya Leta, ubwoko bw'abahutu buserukirwa ku rugero rw'ibice bitarenga 60 %, ubwoko bw'abatutsi bugaserukirwa ku rugero rw'ibice bitarenga 40 %.

**Ingingo ya 144**

Ibwirizwa niryo ritandukanya ubuzi busanzwe bw'ubuhinga n'akazi ka politike.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/09 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ritomora ingene ubuzi bwa politike butandukanywa n'ubuzi busanzwe bw'ubuhinga (*I.I.B.*, 2005, n° 4 *ubwa gatatu*, p. 3).

**Ingingo ya 145**

Nta mukozi wa Leta canke uwo mu gisata kijejwe guca imanza yofatwa neza gusumba abandi canke ngo arenganywe bafatiye gusa ku gitsina, ubwoko, intara canke umugambwe arimwo.

**Ingingo ya 146**

Abakozi bakuru bakuru na batobato bo mu ntwaro bategerezwa kumenyesha amatungo ya bo bagitangura kurangura amabanga bajejwe n'igihe bayavuyemwo.

Ibwirizwa ni ryo ritegekanya Sentare ibifitiye ububasha n'ingene uko kumenyesha amatungo kugirwa.

# *IGICE CA IV*
# *UBUTEGETSI NSHINGAMATEKA*

## 1. INGINGO RUSANGI ZIGENGA INAMA NSHINGAMATEKA N'INAMA NKENGUZAMATEKA

**Ingingo ya 147**

Ubutegetsi nshingamateka bugizwe n'urwego rurimwo ibisata bibiri : Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

Abagize urwo rwego, bamwe ni abashingamateka, abandi ni abakenguzamateka.

Nta muntu n'umwe arekuriwe kuba mu Nama nshingamateka hamwe no mu Nama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 148**

Igihe hari umushingamateka canke umukenguzamateka atagishoboye kurangura amabanga ajejwe, Ibwirizwa ngenderwako niryo ritegekanya ingene asubirirwa.

**Ingingo ya 149**

Abashingamateka n'abakenguzamateka baserukira igihugu cose. Guserukira uwamutoye gusa biba impfagusa.

Umushingamateka canke umukenguzamateka atora uko avyiyumvira we nyene atawe atumye.

Amategeko yerekeye ingene Inama nshingamateka n'lnama nkenguzamateka zitunganiriza ingene zikora arashobora kurekura y'uko rimwe na rimwe, Umushingamateka canke umukenguzamateka atuma uwumuserukira mugutora. Ariko, ico gihe ntawushobora guserukira abashika babiri.

**Ingingo ya 150**

Abashingamateka n'abakenguzamateka ntibashobora gukurikiranwa canke ngo bafatwe, bapfungwe canke bacirwe urubanza kubera ivyo bavuze canke kubera ingene batoye igihe bari mu nama nshingamateka canke nkenguzamateka.

Kiretse iyo bakoze icaha bagafatanwa itonga, abashingamateka n'abakenguzamateka ntibashobora gukurikiranwa iyo bari mu nama z'Inama nshingamateka canke z'Inama nkenguzamateka abarongoye izo Nama badatanze uruhusha.

N'iyo batari mu nama, abashingamateka n'abakenguzamateka ntibashobora gufatwa bitarekuwe n'abarongoye Inama nshingamateka canke abarongoye Inama nkenguzamateka, kiretse iyo bakoze icaha bagafatanwa itonga, iyo bari basanzwe bakurikiranwa birekuwe n'abarongoye Inama nshingamateka canke abarongoye Inama nkenguzamateka, canke iyo Sentare yaciye igihano ntabanduka.

**Ingingo ya 151**

Abashingamateka n'abakenguzamateka bacirwa urubanza na Sentare ntahinyuzwa nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa rigenga iyo Sentare n'igitabu c'amategeko yerekeye iringanizwa n'ububasha bw'amasentare.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/07 ryo ku wa 25 Ruhuhuma 2005 rigenga Sentare ntahinyuzwa (*I.I.B.*, n° 3 *ubwa gatatu*, p. 1) ; hamwe n'igitabu c'amategeko atomora ingene amasentare atunganijwe (*I.I.B.*, n° 3 *ubwa gatatu*, p. 19).

### Ingingo ya 152

Umushingamateka canke umukenguzamateka ntabangikanya iryo banga n'ayandi mabanga y'igihugu. Ibwirizwa ngenderwako rirashobora kurekura y'uko abatowe n'abanyagihugu mu nzego z'intango nlabakozi ba Leta bamwe bamwe bashobora gufatanya ivyo bajejwe n'ibanga ry'abashingamateka canke iry'abakenguzamateka.

### Ingingo ya 153

Ibwirizwa ngenderwako niryo ritegekanya agahembo n'utundi turusho duhabwa abashingamateka n'abakenguzamateka hamwe n'imirimo itabangikanywa n'amabanga y'abashingamateka n'iy'abakenguzamateka. Iryo bwirizwa riratomora kandi ingene bategekanirizwa kazoza.

### Ingingo ya 154

Igihe batanguye kurangura amabanga bajejwe nligihe bayarangije, abarongoye Inarna nshingamateka n'abarongoye inama nkenguzamateka bategerezwa kumenyesha batabesha amatungo yabo mu rwandiko bashikiriza Sentare ntahinyuzwa.

### Ingingo ya 155

Umushingamateka canke umukenguzamateka agenywe kuba Umushikiranganji canke agashingwa amabanga y'igihugu atabangikanywa n'amabanga y'abashingamateka n'ay'abake¬nguzamateka akavyemera, ntasubira gusasa mu Nama nshingamateka canke mu Nama nkenguzamateka kandi aca asubirirwa n'uwumukurikira ku rutonde rw'abitoje.

Umushingamateka canke umukenguzamateka ashinzwe ayandi mabanga nk'uko bitegekanijwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo, aca asubira mu mabanga yiwe kuva aho icabimubuza kiviriyeho iyo ikiringo yatorewe kitararangira.

### Ingingo ya 156

Amabanga y'umushingamateka n'ayo umukenguzamateka arangira iyo asandavye, atanze imihoho, iyo atagishobora kurangura ayo mabanga biturutse ku bumuga budakira n'iyo amaze gusiba ata mvo ishemeye mu gice kimwe ca bine c'inama zigirwa igihe Inama nshingamateka canke nkenguzamateka ikoranye ; canke iyo umushingamateka canke umukenguzamateka abogojwe muri ayo mabanga nk'uko bitegekanijwe n'Ibwirizwa rigenga izo nzego.

### Ingingo ya 157

Ingingo zishingwa n'Inarna nshingamateka n'izishingwa n'Inama nkenguzamateka ntizishobora kwemerwa zidafatiwe mu ngoro isanzwe iberamwo amanama ya zo kiretse iyo hariho ingorane ikomeye yemejwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro.

Inama y'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka agirwa icese. Ariko, bikenewe izo nama zirashobora kubera mu mwiherero.

Icegeranyo c'ivyihwejwe mu Nama nshingamateka no mu Nama nkenguzamateka gitangazwa mu kinyamakuru c'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

### Ingingo ya 158

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka ziremeza amabwirizwa kandi zikagenzura ibikorwa bigirwa na Leta.

### Ingingo ya 159

Ibitegerezwa kuringanizwa n'amabwirizwa ni ibi :

1. Ivyubahiriza umunyagihugu n'ivyo asabwa ngenderwako :

– kwubahiriza ukwishira n'ukwizana kwa zina muntu ;

– gukingira ukwishira n'ukwizana kw'abanyagihugu ;

– ibitegetwe umunyagihugu wese ku neza yo kurwanira igihugu n'ukubungabunga umutekano., gukingira abanyagihugu n'amatungo yabo.

2. Ivyerekeye amabwirizwa agenga abantu n'ivyabo :

– ibiraba ubwenegihugu, akamere k'abantu n'ubushobozi bemerewe n'amategeko ;

– ivyerekeye amatungo y'ababiranye ingene aganzwa, gutorana n'ukugabira amatungo ; ivyerekeye itunga bwite ry'umuntu, ayandi matungo, aboneka, ivyo umuntu asabwa mu masezerano y'amatungo n'ubudandaji.

3. Itunganywa rya politike, intwaro, ubutegetsi n'ubutungane mu gihugu :

– ingene akazi ka Leta gatunganijwe muri rusangi ;

– ingene intwaro yo hagati mu gihugu iringanijwe, ugushinga nluguhindura ringanizwa z'intara n'ugushinga uturere two kwitozamwo ;

– amategeko yerekeye amatora ;

– ivyerekeye ibidari vy'iteka n'ibindi bimenyetso biranga abatewe iteka n'igihugu ;

– ingene iringanizwa ry'urwego rwo kwivuna abansi rutegerezwa kumera ;

– ingene iringanizwa ry'urwego rujejwe umutekano mu gihugu rutegerezwa kumera ;

– amategeko agenga intwaramiheto n'abajejwe umutekano ;

– amategeko agenga abakozi bo mu Nama nshingamateka n'abo mu Nama nkenguzamateka ;

– ingingo nkuru nkuru zerekeye abakozi ba Leta ;

– amategeko agenga abakozi ba Leta ;

– amabwirizwa akurikizwa mu gihe igihugu kigeramiwe, gisa n'ikiri mu ngwano ;

– amategeko yerekeye ingene amashirahamwe ya Leta yigenga ashirwaho n'ingene afutwa ;

– ugushinga za Sentare n'ingene zitunganywa, zirutarutana, amategeko atomora ingene abantu baburana n'ingene imanza zicibwa, ugushinga za Sentare nshasha, amabwirizwa agenga abacamanza n'abashikirizamanza, abafasha babo hamwe n'inzego zindi zifasha ubutungane ;

– ugushinga urutonde rw'ivyaha hamwe n'ibihano bijanye ;

– ugutunganya ivyerekeye abashingwamanza ;

– ukuringaniza ivyerekeye amabohero ;

– ukugirira ikigongwe abagirizwa n'abakoze ivyaha, bitangwa n'Inama nshingamateka.

4. Ugukingira ibidukikije n'ukubungabunga itunga kamere ry'igihugu.

5. Ivyerekeye amafaranga, ubutunzi n'ayandi matungo :

– amategeko yerekeye gukora amafaranga ;

– amafaranga igihugu gikoresha ku mwaka ;

– gushinga ibintu bitangirwa ikori n'urugero rw'amakori n'ama tagisi ;

– gushinga ingene amatongo ya Leta atunganywa n'ingene atangwa.

6. Kugarurira igihugu amashirahamwe yigenga canke kuyasubiza abikorera ivyabo n'ukugurisha ku bikorera ivyabo amashirahamwe asanzwe ari aya Leta.

7. Amategeko yerekeye inyigisho n'ubushakashatsi.

8. Imigambi y'ivyo Leta irangura mu vyerekeye ubutunzi n'imibano.

9. Amabwirizwa yerekeye akazi, ugutegekaniriza kazoza abakozi n'uburenganzira bwo gushinga amashira-hamwe y'abakozi aharanira inyungu zabo hamwe n'ingene abakozi bashobora guhagarika akazi bakagira za yegereyegere.

### Ingingo ya 160

Ibitari kuri uru rutondende rw'ibitegerezwa kuringanizwa n'amabwirizwa biringanizwa n'amategeko.

Amabwirizwa yari amaze gushingwa arashobora guhindurwa n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro imaze gutanga iciyumviro cayo.


© Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

**Ingingo ya 161**

Amategeko yamaze gushingwa mu bitegerezwa kuringanizwa n'amabwirizwa arashobora guhindurwa n'amabwirizwa Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro imaze gutanga iciyumviro cayo.

**Ingingo ya 162**

Ibwirizwa ryerekeye amahera akoreshwa ku mwaka ni ryo ryerekana uko umwaka utashe amahera Leta yinjiza nayo ikoresha.

**Ingingo ya 163**

Inarna sshingamateka n'Inama nkenguzamateka zirakorana mu nama ya bose kugira ngo :

1. bumvirize ijambo bashikirizwa n'Umukuru w'igihugu ;

2. bagirize Umukuru w'igihugu iyo yahemutse, ingingo igashingwa yemejwe n'ibice bibiri vya bitatu vy'abagize Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka ;

3. gusubira kwihweza integuro y'Ibwirizwa rishinga amafaranga Leta izokoresha naho izoyakura nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 177 y'iri Bwirizwa shingiro ;

4. gutora Umukuru w'igihugu wa mbere ikiringo c'intwaro mfatakibanza kirangiye ;

5. kwihweza ingene imigambi ya Leta yagiye mu ngiro uko amezi atandatu aheze ;

6. kwakira indahiro y'Umurwi ujewe gutunganya amatora mu gihugu cose.

Iyo Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoraniye hamwe, ibiro vyazo bigizwe n'ibiro vyizo nzego zibiri. Muri ico gihe uwurongora Inama ni Umukuru w'Inama nshingamateka, icegera ciwe akaba umukuru w'inama nkenguzamateka.

Muri ico gihe nyene amategeko asanzwe agenga ingene Inama nshingamateka yitunganiriza akazi kayo ni yo akurikizwa.

## 2. INAMA NSHINGAMATEKA

**Ingingo ya 164**

Inarna nshingamateka igizwe n'imiburiburi n'abashingamateka ijana barimwo 60 % b'abahutu na 40 % b'abatutsi, bose hamwe harimwo n'imiburiburi abashingamateka b'abakenyezi 30 % batowe n'abanyagihugu bagatorerwa ikiringo c'imyaka itanu harimwo n'abashingamateka batatu b'Abatwa bongeweko nk'uko Ibwirizwa rigenga amatora ribitegekanya.

Iyo biboneka ko mu vyavuye mu matora ibitigiri bivugwa mu korongo ka mbere k'iyi ngingo bitashitse, birakosorwa biciye mu buryo bwo kugena abandi bashingamateka nk'uko Ibwirizwa rigenga amatora ribitegekanya.

Igitigiri c'abashingamateka batorwa mu ntara imwe imwe gishingwa n'Ibwirizwa bafatiye ku gitigiri c'abanyagihugu baba muri iyo ntara.

**Ingingo ya 165**

Uwitoza ngo abe umushingamateka ategerezwa kuba ari umurundi avuka mu Burundi, akaba akwije n'imiburiburi imyaka mirongo ibiri n'itanu y'amavuka, akaba arekuriwe amateka y'ubwigenge na ya politike.

Uwitoza ngo abe umushingamateka ategerezwa kuba ataragira icaha gikomeye canke gisanzwe gihanishwa igihano gitegekanijwe n'Ibwirizwa rigenga amatora.

Ibwirizwa rigenga amatora riratomora kandi ikiringo uwitoza ngo abe umushingamateka azoba amaze kuva ahejeje igihano nk'uko bitegekanijwe mu karongo ka kabiri k'iyi ngingo kugira ngo yemererwe kwitoza.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/015 ryo ku wa 20 Ndamukiza 2005 ritomora ingene amatora agenda (*I.I.B.*, n° 4, p. 1).

**Ingingo ya 166**

Abitoza kuba abashingamateka batangwa n'imigambwe canke bakitoza kugatwe kabo nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 99 y'iri bwirizwa shingiro.

**Ingingo ya 167**

Umurwi wigenga w'amatora mu gihugu urasuzuma ko abitoza bakwije ibisabwa kugira bemererwe.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 100/103 ryo ku wa 5 Myandagaro 2004 ritomora ishingwa n'ingene umurwi w'igihugu wigenga ujejwe amatora ukora (*I.I.B.*, n° 8, p. 535).

**Ingingo ya 168**

Amatora y'abashingamateka ashingira ku rutonde rwugaye rw'amazina rwashikirijwe, bagatorwa hisunzwe amajwi baronse. Urutonde rwose rw'ayo mazina rutegerezwa kurangwa n'uko amoko yose yaserukiwe kandi hakaba harimwo abagabo n'abakenyezi. Ku bitoza batatu bari ku rutonde rumwe, babiri gusa nibo baba basangiye ubwoko kandi n'imiburiburi umwe kuri bane ategerezwa kuba ari umukenyezi.

**Ingingo ya 169**

Abitoje bashikirijwe n'imigambwe canke abitoje ku giti cabo ntibashobora kuronka intebe mu Nama nshingamateka umugambwe wabo canke urutonde rw'amazina yabo rutaronse amajwi ashika canke arenga ibice 2 % y'abatoye bose mu gihugu.

**Ingingo ya 170**

Mu nama yayo ya mbere, Inama nshingamateka irashinga ingingo zerekeye ingene iringaniza n'ingene irangura amabanga ijejwe. Iritorera kandi abazoyirongora.

Inama ya mbere y'Inama nshingamateka ikorana haheze iminsi indwi yemejwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro igakorana ku munsi wa mbere w'imirimo. Iyo nama irongorwa n'umushingamateka arusha abandi imyaka y'amavuka.

Menya neza

Raba amategeko ntunganyabikorwa y'inama nshingamateka yo ku wa 2 Nyakanga 2005 (Ntiryatangajwe muri I.I.B.).

**Ingingo ya 171**

Ibiro vy'Inama nshingamateka birimwo Umukuru w'Inama nshingamateka n'Ivyegera vyiwe.

Umukuru w'Inama nshingamateka n'abandi bagize ibiro vy'Inama nshingamateka batorerwa ikiringo cose yagenewe. Abagize ivyo biro bashobora gukurwa muri ayo mabanga hakurikijwe amategeko agenga ingene Inama nshingamateka yitunganiriza akazi kayo.

**Ingingo ya 172**

Imirwi y'abashingamateka irashobora gushingwa mu Nama nshingamateka. Amategeko agenga ingene Inama nshingamateka yitunganiriza akazi kayo niyo ashinga ingene iyo mirwi itunganije n'ingene ikora.

**Ingingo ya 173**

Imigambwe itavuga rumwe n'iyiri ku butegetsi mu Nama nshingamateka, irafise uburenganzira bwo gukorera mu mirwi yose y'abashingamateka, iba imirwi ijejwe ibisata bimwe bimwe vy'ubuzima bw'igihugu canke imirwi ijejwe itohoza.

Umugambwe ufise Umushikiranganji muri Leta ntushobora kwiyita ko utavuga rumwe na Leta.

**Ingingo ya 174**

Inama nshingamateka ikorana mu manama asanzwe atatu mu mwaka, Inama imwe imwe ikamara amezi atatu. Inama ya mbere itangura mu kwezi kwa Ruhuhuma, ku wa mbere utangura ukwezi, inama ya kabiri igakorana mu kwezi kwa Ruheshi, igatangura ku wa mbere utangura ukwo kwezi, inama ya gatatu igakorana muri Gitugutu, ku wa mbere utangurira ukwo kwezi.

Inama zidasanzwe zimara imisi itarenga cumi n'itanu, zishobora gutumwako bisabwe n'Umukuru w'igihugu canke bisabwe n'abashingamateka barenga ica kabiri c'abagize Inama nshingamateka, ibizokwihwezwa vyarategekanijwe.

Itegeko ry'Umukuru w'igihugu ni ryo rishinga igihe amanama adasanzwe y'abashingamateka atangurira n'igihe aherera.

**Ingingo ya 175**

Inama nshingamateka ntishobora gufata ingingo itemejwe n'abashingamateka ibice bibiri kuri bitatu vy'abashingamateka. Amabwirizwa ashingwa yemejwe n'ibice bibiri vya bitatu vy'abashingamateka bitavye inama canke baserukiwe.

Amabwirizwa atunganya ashingwa yemejwe n'ibice bibiri kuri bitatu vy'abashingmateka bitavye inama canke baserukiwe ariko abayemeye bategerezwa kuba barenga ica kabiri c'abashingamateka bose bagize Inama nshingamateka.

Hakenewe kandi ibice bibiri kuri bitatu vy'abashingamateka bitavye inama canke baserukiwe kugira hashingwe ingingo n'ibisabwa kurangurwa bihambaye.

**Ingingo ya 176**

Inama nshingamateka ishikirizwa integuro y'Ibwirizwa ryerekeye amafaranga Leta izokwijinza n'ayo izokoresha mu ntango y'inama yayo yo mu kwezi kwa gitugutu.

**Ingingo ya 177**

Inama nshingamateka niyo yemeza amafaranga Leta ikoresha ku mwaka. Iyo itaremeza ayo mafaranga kw'igenekerezo rya 31 Kigarama, Leta ica iba irakoresha ku kwezi amafaranga angana n'ayo yakoresheje mu mwaka uheze ukwezi kwose hagakora ayahora akora ku kwezi.

Bisabwe n'Umukuru w'igihugu, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zirakorana mu minsi cumi n'itanu kugira ngo zisubire zihweze integuro y'Ibwirizwa ryerekeye amafaranga Leta yinjiza n'ayo ikoresha ku mwaka.

Iyo iyo nama idasanzwe iheze, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zitemeje amafaranga Leta izokoresha, ayo mafaranga aca yemezwa ubutagisubirwamwo n'Itegeko-bwirizwa rifatiwe mu Nama nshikiranganji.

**Ingingo ya 178**

Harashinzwe Sentare isuzuma ikongera ikemeza ingene amafaranga y'igihugu akoreshwa mu bisata vyose vya Leta. Irunganira Inama nshingamateka na nkengezamateka mu gusuzuma ingene Ibwirizwa ryerekeye amafaranga Leta ikoresha rikurikizwa.

Sentare isuzuma ikongera ikemeza ingene amafaranga y'igihugu yakoreshejwe irashikiriza Inama nshingamateka, Inama nkenguzamateka n'Urwego nshikiranganji icegeranyo cerekana ko amategeko yakurikijwe mu gukoresha ayo mafaranga ikemeza ko amafaranga yakoreshejwe biciye mu buryo butegekanijwe n'amategeko kandi ko hakoreshejwe amafaranga yemewe n'Inama nshingamateka.

Sentare isuzuma ikongera ikemeza ingene amafaranga y'igihugu akoreshwa irahabwa uburyo bukenewe kugira irangure amabanga ijejwe.

Ibwirizwa ni ryo ritomora ivyo iyo Sentare ijejwe, ingene itunganijwe, ububasha bwayo, ingene ikora n'amategeko akurikizwa mu kurangura amabanga ijejwe.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/002 ryo ku wa 31 Ntwarante 2004 rishinga Sentare ijejwe gucungera amatungo ya Leta, ivyo ijejwe n'ingene ikora (*I.I.B.*, 2004, n° 3 *ubwa kabiri*, p. 251).

## 3. IVYEREKEYE INAMA NKENGUZAMATEKA

**Ingingo ya 179**

Uwitoza ngo abe umukenguzamateka ategerezwa kuba ari umurundi, akaba akwije imyaka mirongo itatu n'itanu y'amavuka ku munsi w'itora, akaba atakimukumira mu mabanga y'igihugu.

Uwitoza ngo abe umukenguzamateka ategerezwa kuba ataragira icaha gikomeye canke gisanzwe bitegekanywa n'Ibwirizwa rigenga amatora.

Ibwirizwa rigenga amatora riratomora kandi ikiringo uwitoza ngo abe umukenguzamateka azoba amaze kuva yagiriye icaha nk'uko bitegekanijwe mu gahimba gaheruka k'iyi ngingo kugira ngo yemererwe kwitoza.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/015 ryo ku wa 20 Myandagaro 2005 rishinga igitabu c'amategeko agenga amatora (*I.I.B.*, 2005, n° 4, p. 1).

**Ingingo ya 180**

Abagize Inama nkenguzamateka ni aba :

1. abantu babiri baserukira intara imwe imwe batowe n'abaserukira abandi mu makomine agize iyo ntara bo mu moko adasa kandi badatorewe ku rutonde rumwe ;

2. abantu batatu bo mu bwoko bw'abatwa ;

3. abigeze kurongora Uburundi.

Haba harimwo n'imiburiburi ibice 30 % vy'abakenyezi. Ibwirizwa rigenga amatora rirerekana ingene bigenda mukubishira mu ngiro bikenewe hakongerwako kugira ibitigiri bikwire.

**Ingingo ya 181**

Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose urasuzuma ko abitoza bakwije ibisabwa n'amategeko.

Abo bitoza bashikirizwa n'imigambwe yabo canke bagashobora kwitoza ku giti cabo nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 98 y'iri Bwirizwa shingiro.

**Ingino ya 182**

Mu nama yabo ya mbere, Inama nkenguzamateka irashinga ingingo zerekeye ingene iringaniza n'ingene irangura amabanga ijejwe. Iritorera kandi abazoyirongora.

Inama ya mbere y'Inama nkenguzamateka ikorana haheze iminsi indwi yemejwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro, igakorana ku munsi wa mbere w'imirimo. Iyo nama irongorwa n'umukenguzamateka arusha abandi imyaka y'amavuka.

Menya neza

Raba amategeko ntunganyabikorwa y'Inama nkenguzamateka yo ku wa 19 Mukakaro 2005 (Ntiryatangajwe muri I.I.B.).

**Ingingo ya 183**

Abarongoye Inama nkenguzamateka ni Umukuru w'Inama nkenguzamateka n'Ivyegera vy'Umukuru w'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 184**

Mu Nama nkenguzamateka birabujijwe ko hashingwa imirwi y'abakenguzamateka.

**Ingingo ya 185**

Inama nkenguramateka ikorana mu nama zisanzwe gatatu mu mwaka kandi mu gihe kimwe n'Inama nshingamateka. Inama yose ntirenza igihe c'amezi atatu.

Inama zidasanzwe zimara iminsi itarenga cumi n'itanu, zishobora gutumwako bisabwe n'Umukuru w'igihugu canke bisabwe n'abakenguzamateka barenga ica kabiri c'Abakenguzamateka bagize Inama nkenguzamateka, ibizokwihwezwa vyarategekanijwe.

Itegeko ry'Umukuru w'igihugu niryo rishinga igihe amanama adasanzwe y'abakenguzamateka atangurira n'igihe aherera.

**Ingingo ya 186**

Inama nkenguzamateka ntishobora gufata ingingo yemejwe n'abakenguzamateka ibice bibiri kuri bitatu vy'abakenguzamateka batitavye inama. Ingingo zishingwa zemejwe n'ibice bibiri kuri bitatu vy'abakenguzamateka bitavye Inama canke baserukiwe.

Amabwirizwa ngenderwako ashingwa yemejwe n'ibice bibiri kuri bitatu vy'abakenguzamateka bitavye inama canke baserukiwe ariko abakenguzamateka bayemeye bategerezwa kuba barenga ica kabiri c'abakenguzamateka bagize Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 187**

Inama nkenguzamateka ifise ububasha bukurikira :

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

1. kwemeza ibihinduwe mw'Ibwirizwa Shingiro no mu yandi mabwirizwa atunganya harimwo n'amabwirizwa agenga amatora ;

2. gushikirizwa icegeranyo c'umuhuza w'abanyagihugu na Leta kuri ico cose cerekeye intwaro y'igihugu ;

3. kwemeza amabwirizwa yerekeye imbibe, ivyo intara zijejwe n'ububasha bwazo ;

4. gutohoza ibikorwa mu ntwaro y'igihugu, kandi bikenewe, bagashikiriza ibikwiye gukorwa kugira ngo ntihagire intara n'imwe canke umurwi n'umwe ukumirwa mu vyo Leta irangurira abanyagihugu ;

5. kugenzura ko ibitegekanijwe n'Ibwirizwa shingiro vyerekeye ingene amoko n'ibitsina biserukiwe bikwiye mu nzego zose za Leta na cane cane mu kazi ka Leta, mu ntwaramiheto no mu bajejwe umutekano ;

6. guhanura Umukuru w'igihugu n'Umukuru w'Inama nshingamateka ku bibazo vyose, cane cane ivyerekeye gushinga amabwirizwa ;

7. kwerekana amahinyu canke gushikiriza ivyohinduka mu mabwirizwa yemejwe n'Inama nshingamateka ;

8. gutegura n'ugushikiriza integuro z'amabwirizwa kugira ngo zihwezwe n'Inama nshingamateka ;

9. kwemeza abagenwa mu mabanga akurikira yonyene :

*a.* abarongoye inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano ;

*b.* ba Bulamatari b'intara ;

*c.* abakuru b'abaserukira igihugu ;

*d.* Umuhuza w'abanyagihugu na Leta ;

*e.* abagize Inama nkuru y'abacamanza ;

*f.* abacamanza basasa muri Sentare ntahinyuzwa ;

*g.* abacamanza basasa muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ;

*h.* Umushikirizamanza kizigenza wa Republika n'Abashikirizamanza bakukira Sentare ntahinyuzwa ;

*i.* Umukuru wa Sentare nkuru Isubiramwo Imanza n'Umukuru wa Sentare isasa mu manza zerekeye Leta ;

*j.* Umushikirizamanza mukuru akukira Sentare nkuru isubiramwo Imanza ;

*k.* abarongoye Sentare nkuru z'igihugu, Sentare y'ubudandaji na Sentare y'akazi ;

*l.* abashikirizamanza bakukira Sentare nkuru z'igihugu ;

*m.* abagize Umurwi wigenga utunganya amatora mu gihugu cose.

## 4. INGENE AMABWIRIZWA YEMEZWA

**Ingingo ya 188**

Integuro z'amabwirizwa zishikirizwa n'urwego nshikiranganji hamwe n'integuro z'amabwiriza zishikirizwa n'Abashingamateka zishikiririzwa rimwe abarongoye Inama nshingamateka n'abarongoye Inama nkenguzamateka.

Integuro y'Ibwirizwa ya Leta canke y'inama nshingamateka zirerekana ko ari Ibwirizwa riri mu bubasha bw'Inama nkenguzamateka nkuko bitegekanijwe n'ingingo ya 187.

Integuro z'amabwirizwa zivugwa mu gahimba gaherutse k'iyi ngingo zica zandikwa buno nyene ku rutonde rw'ibizokwihwezwa n'Inama nkenguzamateka.

Izindi nteguro z'amabwirizwa zihwezwa hakurikijwe ibitegekanijwe mu ngingo za 189 na 190 zikurikira.

Mu gihe hari amakenga canke impari yerekeye ukwakira integuro y'Ibwirizwa, Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka canke Umukuru w'Inama nkenguzamateka aca ayishikiriza Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ikaba ariyo ishinga ingingo.

**Ingingo ya 189**

Mu bitari ku rutonde rw'ivyategekanijwe n'ingingo ya 188 y'iri Bwirizwa shingiro, Inarna nshingamateka yemeza integuro y'Ibwirizwa ikiyihweza ubwa mbere. Umukuru w'Inama nshingamateka aca arungikira buno nyene Inama nkenguzamateka iyo nteguro y'Ibwirizwa.

Bisabwe n'ibiro biyirongoye canke n'imiburiburi igice kimwe ca bitatu c'abayigize, Inama nkenguzamateka irihweza iyo nteguro y'Ibwirizwa. Abasaba ko iyo nteguro yihwezwa babigira mu kiringo c'iminsi indwi kuva aho iyo nteguro ishikiye mu Nama nkenguzamateka.

Mu kiringo kitarenza iminsi cumi kuva ibisabwe, Inama nkenguzamateka ishobora gushinga ko iyonteguro y'Ibwirizwa ishikirijwe n'urwego nshikiranganji canke ishikirijwe n'abashingamateka idahindurwa, canke ikazemeza ibanje guhindura bimwe bimwe.

Iyo Inama nkenguzamateka idashinze ingingo mu kiringo categekanijwe canke iyo yamenyesheje Inama nshingamateka ingingo yafashe y'ukudahindura integuro y'Ibwirizwa, Umukuru w'Inama nshingamateka aca arungikira iyo nteguro Umukuru w'igihugu mu kiringo c'amasaha mirongo ine n'umunani kugira ngo itangazwe.

Iyo integuro y'Ibwirizwa yahinduwe, Inama nkenguzamateka ica iyirungikira Inama nshingamateka, nayo igashinga ko iyemeye, canke ko mu vyahinduwe n'Inama nkenguzamateka ihakanye vyose canke bimwe bimwe.

**Ingingo ya 190**

Iyo hariko harihwezwa ibitegekanijwe mu ngingo ya 189 agahimba ka nyuma, inama nshingamateka ikagira ico isubiriye guhindura, iyo nteguro y'Ibwirizwa ica isubizwa mu nama nkenguzamateka nayo igashinga ingingo kuri iyo nteguro yahinduwe.

Mu kiringo kitarenga iminsi itanu kuva iyo nteguro y'Ibwirizwa ishubijwe mu nama nkenguzamateka, Inama nkenguzamateka ishobora kwemeza iyo nteguro y'Ibwirizwa nk'uko yahinduwe n'inama nshingamateka, canke ikemeza iyo nteguro ibanje gusubira kuyihindura.

Iyo Inama nkenguzamateka itashinze ingingo mu kiringo gitegekanijwe canke iyo yamenyesheje Inama nshingamateka ingingo yashinze y'ukwemera integuro y'Ibwirizwa, Inama nshingamateka ica iyirungikira Umukuru w'igihugu mu kiringo c'amasaha mirongo ine n'umunani kugira ngo ayitangaze.

Iyo iyo nteguro yasubiriye guhindurwa, Inama nkenguzamateka ica iyirungikira Inama nshingamateka nayo igashinga ingingo ntabanduka mu kuyemeza canke igahindura iyo nteguro y'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 191**

Mu bitegekanijwe mu karongo ka 1 n'aka 3 tw'ingingo ya 187 y'iri Bwirizwa shingiro, iyo integuro y'Ibwirizwa yemewe n'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nshingamateka aca ayirungikira Inama nkenguzamateka ngo iyemeze.

Inama nkenguzamateka yemeza iyo integuro y'Ibwirizwa mu kiringo kitarenze iminsi mirongo itatu ataco ihinduye canke ibanje kuyihindura.

Iyo Inama nkenguzamateka yemeje iyo nteguro y'Ibwirizwa ataco ihinduye, Umukuru w'Inama nkenguzamateka aca ayisubiza Umukuru w'Inama nshingamateka, nawe akayirungikira Umukuru w'igihugu mu kiringo c'amasaha mirongo ine n'umunani kugira ngo iryo Bwirizwa ritangazwe.

Iyo Inama nkenguzamateka yemeje integuro y'Ibwirizwa ibanje kuyihindura, Umukuru w'Inama nkenguzamateka aca ayirungikira Inama nshingamateka kugira ngo isubire kwihwezwa ukundi gusha.

Iyo ivyo Inama nkenguzamateka yasavye ko bihinduka vyemewe n'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nshingamateka ararungikira Umukuru w'igihugu, mu kiringo c'amasaha mirongo ine n'umunani, integuro itagisubirwamwo y'iryo bwirizwa kugira ngo aritangaze.

Igihe integuro y'Ibwirizwa rishikirijwe n'urwego nshikiranganji canke integuro y'Ibwirizwa ishikirijwe n'abashingamateka ritemejwe bivuye kukutumvikana kw'Inarna Nshingamateka n'Inama nkenguzamateka, Umukuru w'Inama nshingamateka

n'Umukuru w'Inama nkenguzamateka baca bagena umurwi ugizwe n'abashingamateka n'abakenguzamateka bangana kugira ngo bashikirize integuro bahuriyeko kuri vyose canke kuri bimwe bimwe vyari bikiri mu mpari mu kiringo c'iminsi y'imirimo cumi n'itanu.

Integuro yagizwe n'uwo murwi irashikirizwa Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka kugira ngo ziyemeze. Nta na kimwe gisubira guhindurwa muri iyo nteguro. Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka ziyemeza imwe imwe ukwayo.

Iyo uwo murwi udashoboye guhuriza ku nteguro imwe, canke iyo integuro itemejwe n'Inama nshingamateka canke n'Inama nkenguzamateka, Umukuru w'igihugu arashobora gusaba Inama nshingamateka ngo ishinge ingingo ntabanduka canke akamenyesha ko integuro y'Ibwirizwa yashikirijwe n'urwego nshikiranganji canke integuro yashikirijwe n'Abashingamateka yahebwe.

Iyo nteguro yemezwa n'ibice bibiri vya bitatu vy'Inama nshingamateka.

## IGICE CA VII
## INGENE UBUTEGETSI SHINGWABIKORWA N'UBUTEGETSI NSHINGWAMATEKA BUKORANA

### Ingingo ya 192

Umukuru w'igihugu, Leta, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka, imwe imwe yose muri izo nzego irafise ububasha bwo gushikiriza integuro z'amabwirizwa.

Integuro z'amabwirizwa za Leta zirihwezwa mu Nama y'abashikiranganji.

### Ingingo ya 193

Mu gushinga urutonde rw'ivyihwezwa n'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka, ivyo urwego nshikiranganji rwipfuza biza ubwambwere kandi nk'uko rwabikurikiranije. Urwo rutonde rwerekeye integuro z'amabwirizwa yashikirijwe n'urwego nshikiranganji hamwe n'integuro z'amabwirizwa zashikirijwe n'abashingamateka n'abakenguzamateka.

Iyo integuro y'Ibwirizwa ryashikirijwe n'abashingamateka canke abakenguzamateka ritashoboye kwihwezwa mu nama zibiri zisanzwe kandi zikurikirana, iyo nteguro itegerezwa kuza imbere ku rutonde rw'ibizokwihwezwa mu nama ikurikira.

### Ingingo ya 194

Leta irafise ububasha bwo guhindura integuro y'amabwirizwa yashikirijwe n'abashingamateka hamwe n'abakenguzamateka.

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zirafise ububasha bwo kwihweza, kwunganira no guhakana integuro y'amabwirizwa yashikirijwe n'urwego nshikiranganji.

Ariko integuro z'amabwirizwa no kuyahindura vyashikirishijwe n'abashingamateka canke abakenguzamateka ntibishobora kwakirwa iyo bituma amatungo y'igihugu agabanuka cane canke bigatuma igihugu gisohora amafaranga adasanzwe ategekanijwe canke ayasanzwe ategekanijwe gukoreshwa yongerekana cane. Izo nteguro n'ivyo vyiyumviro bishobora kwihwezwa gusa iyo ababishikirije baciye berekana ahandi amafaranga akenewe yova.

Iyo Inama nshingamateka canke Inama nkenguzamateka zashinze umurwi wazo kwihweza integuro y'Ibwirizwa, Inama imaze gutangura, urwego nshikiranganji rurafise ububasha bwo kwanka ko iyindi ngingo nshasha ihindura iyo nteguro yihwezwa n'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka mu gihe iyo ngingo itaciye muri uwo murwi.

Iyo Leta ibisavye, Inama nshingamateka canke Inama nkenguzamateka ibisabwe, iremeza icarimwe vyose canke igice c'integuro y'Ibwirizwa yashikirijwe n'urwego nshikiranganji canke yashikirijwe n'abashingamateka ikagumizamwo gusa ivyasabwe guhindurwa canke ivyo rwemeye rwo nyene.

### Ingingo ya 195

Kugira ngo ishobore kurangura imigambi yayo, Leta irashobora gusaba uruhusha Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka rwo kwishingira mu kiringo gitoyi amategeko-bwirizwa yemeza ingingo zisanzwe ziringanizwa n'amabwirizwa.

Ayo mategeko-bwirizwa ategerezwa kwemezwa n'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka mu nama yazo ikurikira.

Iryo tegeko-bwirizwa ryemezwa ryose mu gishingo kimwe.

Hatabaye Ibwirizwa riyemeza ayo mategeko-bwirizwa aca ahebwa, bikenewe bikemezwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro.

### Ingingo ya 196

Igihe integuro y'Ibwirizwa yashikirijwe n'abashingamateka ikiriko irigwa, bishitse iyo nteguro canke iciyumviro cashikirijwe kiyihindura bikaba bitari mu gisata c'amabwirizwa, urwego nshikiranganji rurashobora kuyanka.

Igihe Leta, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zitumvikanye, bisabwe n'Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka canke Umukuru winama nkenguzamateka, Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro niyo ishinga ingingo mu kiringo c'iminsi umunani.

### Ingingo ya 197

Umukuru w'igihugu ashira umukono akongera agatangaza ku mabwirizwa yashinzwe n'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka mu minsi mirongo itatu ikurikira umunsi yayarungikiweko kiretse asavye ko asubira kwihwezwa canke ngo asabe Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro gusuzuma ko adaciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro.

Umukuru w'igihugu ashobora gusaba ko Ibwirizwa ryose canke ingingo zimwe zimwe zaryo zosubirwamwo.

Iryo Ibwirizwa rimaze gusubira kwihwezwa ntirishobora gutangazwa ritemejwe n'ibice bitatu vya bine vy'abashingamateka n'ibice bitatu vya bine vy'abakenguzamateka.

Imbere yo gutangaza amabwirizwa aringaniza, Umukuru w'igihugu ategerezwa gusaba Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro gusuzuma ko ayo mabwirizwa adaciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro.

### Ingingo ya 198

Umukuru w'igihugu, amaze guhanuza Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nkenguzamateka, arashobora gusaba abanyagihugu kwemeza biciye mw'itora integuro iyariyo yose y'Ibwirizwa shingiro, y'amabwirizwa canke ikibazo icarico cose gishobora kugira inkurikizi zihambaye mu buzima na kazoza vy'igihugu, canke ku buryo inzego z'igihugu ziteye n'ingene zikora.

### Ingingo ya 199

Umukuru w'igihugu arashikiriza Ijambo Inama nshingamateka n'Inarna nkenguzamateka zikoraniye hamwe. Abashingamateka n'abakenguzamateka barumviriza iryo jambo ariko ntibariharirako.

### Ingingo ya 200

Abashikiranganji barashobora gukurikirana ibikorwa vy'Inama nshingamateka n'ivy'Inama nkenguzamateka. Barashobora gushikiriza ijambo igihe cose babisavye. Barashobora kwibangikanya abahinga babunganira.

### Ingingo ya 201

Abashingamateka n'abakenguzamateka barafise ububasha bwo kwihweza ibirangurwa na Leta n'imigambi yayo mu vyerekeye intwaro y'igihugu bakagira ico babivuzeko.

### Ingingo ya 202

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zirashobora gusaba ko Urwego Leta yozimenyesha ivyo iriko irarangura, ivyo zikabibaza abashikiranganji biciye mu nzandiko canke imbonakubone.

Igihe abashingamateka n'abakenguzamateka bari mu nama hategerezwa kwama hari ikiringo kimwe mu ndwi gihariwe ibibazo vy'abashingamateka n'abakenguzamateka n'inyishu zitangwa n'abashikiranganji.

Leta itegerezwa kwishura ibibazo vyose vy'Inama nshingamateka n'ivy'Inama nkenguzamateka vyerekeye ukugene

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

rutunganya ibikorwa vyarwo vya minsi yose n'ukugene rurangura imigambi yarwo.

**Ingingo ya 203**

Inama nshingamateka irashobora kugaya uburyo Leta ikora igasaba ko itanga imihoho vyemejwe n'ibice bibiri kuri bitatu vy'abashingamateka. Inama nshingamateka nayo irashobora kubogozwa n'Umukuru w'igihugu.

Iyo hari Umushikiranganji bigaragaye ko arangura nabi amabanga ajejwe, canke atigenza runtu canke inyifato yiwe ikaba ibuza ko Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikora nk'uko bisanzwe, abashingamateka baramenyesha, vyemejwe n'ibice bibiri vya bitatu, ko batacizigiye uwo mushikiranganji. Bigenze gurtyo, uwo mushikiranganji ategerezwa gutanga imihoho.

**Ingingo ya 204**

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zirafise ububasha bwo gushinga imirwi itohoza ingene Leta irangura amabanga yarwo mu bintu bimwe bimwe.

## *IGICE CA VIII*
## *UBUTEGETSI BW'UBUTUNGANE*

**Ingingo ya 205**

Mu gihugu cose Sentare nizo zica imanza kw'izina ry'abarundi bose.

Abashikirizamanza nibo bashinzwe amabanga yo gutohoza, gushikiriza no gushinga imanza zerekeye ivyaha n'ayandi mabanga bahabwa n'amabwirizwa. Ariko, abacamanza basasa muri za Sentare z'intango n'inyamiramabi barashobora kurangura amabanga ajejwe abashikirizamanza muri izo Sentare bikwirikiranwa n'Umushikirizamanza wa Republika.

Ibwirizwa rikomoka kw'Ibwirizwa shingiro niryo ritomora iringanizwa n'ububasha bw'amasentare.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 rigenga igitabu c'amategeko yerekeye iringanizwa n'ububasha bw'ama Sentare (*I.I.B.*, 2005, n° 3 *ubwa kane*, p. 19).

**Ingingo ya 206**

AmaSentare asasa mu ntahe y'icese kiretse iyo Sentare ifashe ingingo yo gutaramura abo urubanza ruterekeye bitumwe n'uko ukuburanisha icese bishobora kubangamira umutekano cankc imico myiza y'igihugu.

**Ingingo ya 207**

Ingingo yose ishinzwe na Sentare imbere y'uko ishikirizwa mu ntahe y'icese itegerezwa kuba ifise imvo n'imvano.

**Ingingo ya 208**

Ubutegetsi bw'ubutungane buringanizwa ku buryo abanyagihugu bose baruserukirwamwo bikwiye.

Mu gutanga akazi no mu kugena abayobozi mu rwego rw'abacamanza, hategerezwa gucungerwa ko hitwararitswe kunganisha intara, ubwoko, n'ibitsina.

**Ingingo ya 209**

Ubutegetsi bw'ubutungane ntaho bwegamiye, burishira bukizana mu kurangura amabanga yabwo, ntibushobora gutegekwa n'Urwego nshingamateka, Urwego nkenguzamateka n'Urwego rwa Leta mu guca imanza.

Mu kurangura amabanga ajejwe, umucamanza yisunga gusa Ibwirizwa shingiro n'amabwirizwa.

Umukuru w'igihugu niwe nkinzo ylubwigenge bw'abacamanza. abifashwa n'Inama nkuru y'abacamanza.

## 1. INAMA NKURU Y'ABACAMANZA

**Ingingo ya 210**

Inama nkuru y'abacamanza iracungera ko imanza zicibwa kandi zikurikizwa neza. Niyo nkinzo y'ubwigenge bw'abacamanza igihe barangura amabanga bajejwe.

**Ingingo ya 211**

Inama nkuru y'abacamanza nirwo rwego rukuru rujejwe inyifato y'abacamanza mu kazi. Urwo rwego nirwo rwihweza ibirego rushikirizwa n'abantu canke Umuhuza w'abanyagihugu na Leta vyerekeye inyifato y'abacamanza n'abashikirizamanza mu kazi kabo co kimwe n'ibishikirijwe n'abacamanza n'abashikirizamanza vyerekeye ibihano bahawe canke ivyo basaba bijanye n'amabanga bajejwe.

**Ingingo ya 212**

Umucamanza canke Umushikirizamanza ntashobora kubogozwa mu mabanga ajejwe atakoze ikosa rijanye n'akazi canke akazi kamunaniye kandi bisabwe gusa n'Inama nkuru y'abacamanza n'abashikirizamanza.

**Ingingo ya 213**

Inama nkuru y'abacamanza n'abashikirizamanza irunganira Umukuru w'igihugu n'Urwego nshikiranganji muri ibi bikurikira :

1. gutegura ibizorangurwa mu rwego rw'ubutungane ;

2. gukurikirana ingene ivyerekeye uguca imanza n'agateka ka zina muntu vyifashe mu gihugu ;

3. gutegekanya imigabo irashe kuvyerekeye kurwanya ukudahana ivyaha.

**Ingingo ya 214**

Abacamanza n'abashikirizamanza bagenwa mu mabanga bajejwe n'Itegeko ry'Umukuru w'igihugu bisabwe n'Umushikiranganji w'ubutungane n'Inama nkuru y'abacamanza yisunze ivyashikirijwe. Bigenda gurtyo nyene no ku vyerekeye abacamanza basasa mu maSentare y'intango bagenwa n'Itegeko ry'Umushikiranganji w'ubutungane.

**Ingingo ya 215**

Igenwa iryo ariryo ryose mu mabanga y'abakuru mu bisata vy'ubucamanza bavugwa mu ngingo ya 187, agace ka 9 y'iri Bwirizwa-shingiro, kiretse muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa-shingiro, rigirwa n'Umukuru w'igihugu abisabwe n'Umushikiranganji w'ubutungane, mugabo 'Inama nkuru y'abacamanza yatanze iciyumviro hanyuma bikemezwa n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 216**

Inama nkuru y'abacamanza irategura rimwe mu mwaka icegeranyo cerekana ingene ubutungane bwifashe mu gihugu ikakirungikira Umukuru w'igihugu, Urwego nshikiranganji, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 217**

Mu bagize Inama nkuru y'abacamanza hategerezwa gucungerwa ko ata bwoko, ata ntara, ata gitsina vyakumiriwe kandi hakaba ukunganisha.

Igizwe n'aba bakurikira :

– batanu bagenywe na Leta ;

– abacamanza batatu basasa muri za Sentare nkuru nkuru ;

– abashikirizamanza babiri ;

– abacamanza babiri basasa muri za Sentare z'intango ;

– batatu bikorera ivyabo mu vyerekeye amategeko.

Abo mu murwi wa kabiri, wa gatatu, n'uwa kane batorwa n'abandi bacamanza.

**Ingingo ya 218**

Abagize Inama nkuru y'abacamanza bagenwa n'Umukuru w'igihugu babanje kwemezwa n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 219**

Inama nkuru y'abacamanza irongowe n'Umukuru w'igihugu yunganiwe n'Umushikiranganji w'ubutungane.

**Ingingo ya 220**

Ibwirizwa ngenderwako niryo ritomora ingene Inama Nkuru y'abacamanza n'abashikirizamanza itunganijwe, ingene ikora n'ingene abayigize bagenwa.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/007 ryo ku wa 30 Ruheshi 2003 ryerekeye ingene inama nkuru y'abacamanza itunganijwe n'ingene ikora (*I.I.B.*, 2003, n° 6 *ubwa gatatu*, p. 367).

## 2. SENTARE NTAHINYUZWA

**Ingingo ya 221**

Mu Burundi Sentare ntahinyuzwa niyo nkuru muzindi Sentare zisanzwe.

Niyo icungera ko ayandi maSentare akurikiza amabwirizwa.

**Ingingo ya 222**

Abacamanza basasa muri Sentare ntahinyuzwa bagenwa n'Umukuru w'igihugu abisabwe n'Umushikiranganji w'ubutungane kandi hatanzwe iciyumviro c'Inama nkuru y'abacamanza kandi bemejwe n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 223**

Harashinzwe Urwego rw'abashikirizamanza bakukira Sentare ntahinyuzwa bagenwa mu buryo bumwe n'abacamanza basasa muri iyo Sentare.

**Ingingo ya 224**

Ibwirizwa ngenderwako niryo ritomora ingene Sentare ntahinyuzwa iringanijwe, ububasha bwayo, ingene ikora n'amategeko akurikizwa mu kwakira no kuburanisha imanza ishikirizwa.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/07 ryo ku wa 25 Ruhuhuma 2005 rigenga ingene Sentare ntahinyuzwa itunganijwe n'ingene ikora (*I.I.B.*, 2005, n° 3 *ubwa kane*, p. 1).

**Ingingo ya 225**

Sentare yuhabiriza lbwirizwa shingiro niyo Sentare y'igihugu iraba ivyerekeye Ibwirizwa Shingiro. Niyo igenzura y'uko amabwirizwa ashingwa adaciye kubiri n'Ibwirizwa Shingiro ikongera igatanga insiguro yaryo iyo bikenewe.

**Ingingo ya 226**

Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro igizwe n'abacamanza indwi. Bagenwa n'Umukuru w'igihugu babanje kwemezwa n'Inama nkenguzamateka. Ikiringo cabo ni imyaka itandatu kandi ntibashobora kwongerwa ikindi kiringo.

N'imiburiburi batatu muri bo ni abacamanza canke abashikirizamanza bagize ubucamanza umwuga wabo.

Umukuru w'iyo Sentare, icegera ciwe n'abacamanza bagize ubucamanza umwuga wabo, bategerezwa kuba bakora ako kazi konyene. Abagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro batorwa mu bantu b'intungane, b'imvugakuri kandi badatamikwa ijambo.

Batatu mu bagize Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro bagenywe imbere y'uko iri Bwirizwa shingiro rija mu ngiro bafise ikiringo c'imyaka itatu.

Batorwa hakwirikijwe itombora rikoreshejwe n'umukuru w'iyo Sentare abifashijwe n'icegera ciwe mu ntahe y'icese.

**Ingingo ya 227**

Ntivyemewe ko Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro isasa hatarimwo n'imiburiburi abacamanza bayo batanu. Ishinga ingingo iyo zemejwe n'abarenga ica kabiri c'abacamanza bashashe ; mu gihe abashigikiye ingingo bangana n'abatazishigikiye, hemezwa ingingo zishigikiwe n'Umukuru wa Sentare.

**Ingingo ya 228**

Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ifise ububasha bukurikira :

– kwihweza ko amabwirizwa n'amategeko ashingwa mu bidasanzwe biringanizwa n'Ibwirizwa adaciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro ;

– gucungera ko iri bwirizwa shingiro harimwo n'amasezerano yerekeye amateka ngenderwako y'ikiremwa muntu yubahirizwa n'abantu, inzego za Leta, hamwe n'izindi nzego ;

– gutanga insiguro y'ibwirizwa shingiro, bisabwe n'Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nkenguzamateka, igice ca bine c'abashingamateka canke igice ca bine c'abakenguzamateka ;

– kwihweza ko amatora y'Umukuru w'igihugu, y'abashingamateka n'abakenguzamateka n'ayo gusaba abanyagihugu ngo bemeze canke bahakane ikinaka vyaranguwe hakwirikijwe amategeko n'ugutangaza ivyavuye mu matora ;

– kwakira indahiro y'Umukuru w'igihugu, iy'ivyegera vy'Umukuru w'igihugu n'iy'Abashikiranganji imbere y'uko batangura kurangura amabanga bajejwe ;

– kwemeza ko igihugu kitagifise umukuru waco ;

– amabwirizwa ngenderwako imbere y'uko atangazwa, amategeko atomora ingene Inama nshingamateka n'ingene Inama nkenguzamateka zitunganiriza akazi kazo ategerezwa gusuzumwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro imbere y'uko atangazwa.

**Ingingo ya 229**

Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro irafise kandi ububasha bwo gusuzuma no gushinga ingingo ku bitegekanijwe mu ngingo za 115, 157, 160, 161, 188, 234 na 296 z'iri Bwirizwa Shingiro.

**Ingingo ya 230**

Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nkenguzamateka, igice kimwe ca bine c'abashingamateka, igice kimwe ca bine c'abakenguzamateka canke Umuhuza w'abanyagihugu na Leta bafise ububasha bwo kwitura Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro.

Umuntu uwo ariwe wese abifisemwo inyungu, ishirahamwe iryo ariryo ryose ribifisemwo inyungu canke abashikirizamanza barashobora kwitura Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro bakadoma urutoke ku mabwirizwa n'amategeko yoba yashinzwe biciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro. Bashobora kubigira mukwishikirira bo nyene Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro canke mu kubimenyesha abandi bacamanza mu gihe babonye ko urubanza bariko barabacira rushingiye ku ngingo y'Ibwirizwa canke y'Itegeko iciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro.

Muri ico gihe, ingingo yari igiye gufatwa ntiba igifashwe gushika Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ifate ingingo yayo, mu minsi itarenga mirongo itatu.

**Ingingo ya 231**

Ingingo y'Ibwirizwa canke y'Itegeko yemejwe y'uko iciye kubiri n'Ibwirizwa shingiro ntishobora gutanga zwa canke ngo ikurikizwe.

Ingingo zifashwe na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ntaho zungururizwa.

**Ingingo ya 232**

Ibwirizwa ngenderwako ni ryo ritomora ingene Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro iringanijwe, ingene ikora n'amategeko akurikizwa mu kwakira no kuburanisha imanza ishikirizwa.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/018 ryo ku wa 19 Kigarama 2002 ritomora ingene Sentare yubahiriza Ibwirizwa nshingiro itunganijwe n'ingene ikora (*I.I.B.*, 2002, n° 12 *ubwa kabiri*, p. 1346) nkuko ryahinduwe n'Ibwirizwa n° 1/03 ryo ku wa 11 Nzero 2007 (Ntiryatangajwe muri *I.I.B.*).

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

## 3. SENTARE NSUMBAZOSE Y'UBUTUNGANE

**Ingingo ya 233**

Sentare nsumbazose y'ubutungane igizwe na Sentare ntahinyuzwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro zikoranye. Iyo ishashe, Umukuru w'intahe ni Umukuru wa Sentare ntahinyuzwa. Muri iyo Sentare, Umushikirizamanza Kizigenza wa Republika niwe aserukira urwego rw'abashikirizamanza.

**Ingingo ya 234**

Sentare nsumbazose y'ubutungane niyo ifise ububasha bwo gucira urubanza Umukuru w'igihugu igihe yahemukiye igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nkenguzamateka n'Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu igihe bakoze ivyaha bakiri muri ayo mabanga.

Abo bategetsi bamaze kwitwarirwa, abashikirizamanza n'abacamanza bashinzwe izo manza bategerezwa kuba bararindirije ibindi bikorwa vyabo bakaburanisha izo manza zonyene.

Ingingo zishinzwe na Sentare nsumbazose y'ubutungane ntaho zungururizwa kiretse ugusaba ikigongwe Umukuru w'igihugu canke zisubiwemwo ukundi gusha.

**Ingingo ya 235**

Igihe bagiriwe n'ivyaha, Umukuru w'igihugu, Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka n'Umukuru w'Inama nkenguzamateka baca babogozwa mu mabanga yabo.

**Ingingo ya 236**

Ibwirizwa ndinganizo niryo ritomora ingene Sentare nsumbazose y'ubutungane iringanijwe, ingene ikora n'amategeko akurikizwa mu kwakira no mu kuburanisha imanza ishikirizwa.

Menya neza

Iryo bwirizwa ntiriratangazwa n'Umukuru w'igihugu.

## *IGICE CA IX*
## *UMUHUZA W'ABANYAGIHUGU NA LETA*

**Ingingo ya 237**

Umuhuza w'abanyagihugu na Leta arakira ibirego vy'abamwituye agatohoza ivyerekeye amakosa yakozwe mu gutunganya ivy'igihugu n'ugurtyoza agateka k'abanyagihugu vyakozwe n'abakozi ba Leta n'abakora mu vy'ubucamanza, ibikwiye gukosorwa akabimenyesha abategetsi babifitiye ububasha. Arahuza kandi abajejwe intwaro n'abanyagihugu, ubushikiranganji n'izindi nzego z'ubutegetsi kandi agashinga ijisho ingene inzego nshingwantwaro zikora.

Ingene imirimo y'Umuhuza w'abanyagihugu na Leta iringanijwe n'ingene arangura amabanga ajejwe bitomorwa n'Ibwirizwa.

Menya neza

Iryo bwirizwa ntiriratangazwa n'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 238**

Umuhuza w'abanyagihugu na Leta arafise ububasha n'uburyo bukwiye kugira arangure neza amabanga ajejwe. Uko umwaka utashe arashikiriza Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka icegeranyo c'ivyo yaranguye. Icegeranyo ciwe kiratangazwa mu kinyamakuru c'ibitegekwa mu Burundi.

**Ingingo ya 239**

Umuhuza w'abanyagihugu na Leta agenwa n'Inama nshingamateka iyo yemejwe n'ibice bitatu vya bine vy'abayigize. Igenwa ryiwe ribanza kwemezwa n'ibice bibiri vya bitatu vy'abagize Inama nkenguzamateka.

Ikiringo amara muri ayo mabanga ni imyaka cumi kandi ntashobora kwongerwa ikindi kiringo.

## *IGICE CA X*
## *INZEGO ZO KWIVUNA ABANSI N'IZ'UMUTEKANO*

**Ingingo ya 240**

Ingingo zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zishingwa n'Ibwirizwa. Kiretse izo nzego, nta muntu n'umwe arekuriwe gushinga umuhari w'abitwaje ibirwanisho.

**Ingingo ya 241**

Inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zitegerezwa gutunganywa ku buryo bigaragara ko abarundi bose n'igihugu cose bafise ishaka ryo kubana ata mwana n'ikinono, mu mahoro, mu mwumvikano. Abagize izo nzego bategerezwa kwigishwa gukora ivyo bajejwe bisunga Ibwirizwa shingiro, amabwirizwa ahari n'amasezerano mpuzamakungu Uburundi bwemeje kandi bagategekwa gusonera ayo mabwirizwa.

Inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zikorera abarundi bose. Zitegerezwa gukingira abarundi bose kandi abanyagihugu bose bakaziyumvamwo.

**Ingingo ya 242**

Ukubungabunga umutekano mu gihugu n'ukukirwanira bitegekwa na Leta bikagenzurwa n'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 243**

Urwego rw'intwaramiheto n'urwo abajejwe umutekano zirabazwa ivyo zirangura kandi zIbwirizwa gukora ku mugaragaro.

Mu Nama nshingamateka no mu Nama nkenguzamateka harashingwa imirwi ijejwe gucungera igikorwa kijejwe urwego rw'intwaramiheto n'urwo abajejwe umutekano hakurikijwe amategeko ahari n'amategeko yerekeye ingene Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zitunganya akazi zijejwe.

**Ingingo ya 244**

Zaba inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano, baba abari muri izo nzego, mu mabanga bajejwe nta n'umwe arekuriwe :

*a.* kwononera umugambwe wemewe n'amategeko nk'uko Ibwirizwa shingiro ribitegekanya ;

*b.* kwerekana aho bahengamiye mu vya politike ;

*c.* gushigikira bimwe biboneka inyungu z'umugambwe ;

*d.* kwinjira mu mugambwe canke mw'ishirahamwe riharanira ivyerekeye intwaro y'igihugu ;

*e.* kuja mu bikorwa canke mu myiyerekano yerekeye ivya politike.

Ibwirizwa riringaniza rikongera rigategekanya ingene inzego zishinzwe kwivuna abansi ni z'umutekano zikora rirabihana.

**Ingingo ya 245**

Inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zigizwe n'abajejwe kwivuna abansi, abajejwe umutekano hagati mu gihugu n'abajejwe iperereza, izo nzego zose zishingwa hakurikijwe iri bwirizwa shingiro.

Urwego rw'abajejwe kwivuna abansi ni urwego rw'intwaramiheto rutegekanijwe, rukaringanizwa kandi rukaronka n'inyigisho kugira ngo rugwanire imbibe z'igihugu, ukwikukira kw'igihugu n'ubwigenge bw'igihugu.

Urwego rw'abajejwe umutekano ni urwego rutegekanijwe, ruringanijwe kandi rwaronse inyigisho ngo rubungabunge umutekano mu gihugu.

Urwego rujejwe iperereza ni urwego rutegekanijwe, ruringanijwe kandi rwaronse inyigisho kugira ngo rutohoze, rwegeranye kandi rukoreshe ico cose rwamenye cotuma umutekano mu gihugu, inzego z'igihugu, imigenderanire y'Uburundi n'amakungu n'iterambere mu vy'ubutunzi birama.

**Ingingo ya 246**

Inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano umutekano hamwe n'urwego rw'iperereza zigabwa n'ubutegetsi bw'igihugu hakurikijwe Ibwiriza Shingiro, amabwirizwa n'amategeko.

**Ingingo ya 247**

Inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano n'urwego rw'iperereza zitegerezwa gukomeza hagati y'abazigize ingendo yo kudakumirana, kutavangura amoko n'ibitsina.

**Ingingo ya 248**

Amabwirizwa ngenderwako niyo atomora ingene urwego rujejwe kwivuna abansi, urwego rujejwe umutekano, urwego rujejwe iperereza, ingene zishirwaho, imirimo zijejwe, uko ziringanijwe, inyigisho n'uburyo bwo gukora zihabwa n'ingene zikora.

**Ingingo ya 249**

Umukuru w'igihugu adaciye kubiri n'ibitegekanijwe n'Ibwirizwa shingiro n'amabwirizwa ni we wenyene ashobora kugomora ingabo hagakoreshwa ibirwanisho :

*a.* mu kwivuna abansi ;

*b.* mu kugarukana umutekano mu gihugu ;

*c.* mu gukurikiza ivyo Uburundi bwasezeranye n'amakungu.

**Ingingo ya 250**

Igihe urwego rujejwe kurwanira igihugu rukoreshejwe muri kimwe mu bitegekanijwe mu ngingo ya 249, Umukuru w'igihugu arahanuza icese inzego zibijejwe kandi agaca buno nyene amenyesha mu buryo butomoye Inarna sshingamateka n'Inama nkenguzamateka ibi bikurikira :

*a.* icatumye canke ivyatumye hakoreshwa urwego rujejwe kurwanira igihugu ;

*b.* aho hose urwo rwego ruriko rurakorera ;

*c.* umwanya urwo rwego ruzomara ruhakorera.

**Ingingo ya 251**

Iyo Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zisanzwe zitari mu nama, Umukuru w'igihugu aca azitumako mu nama idasanzwe mu minsi indwi ikurikira umunsi urwego rujejwe kwivuna abansi rwatanguye ingwano.

**Ingingo ya 252**

Izego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zirubaha ivyo abagize izo nzego bafitiye uburenganzira n'agateka kabo mu kubategeka ingene bigenza no mu nyigisho babaha.

**Ingingo ya 253**

Abagize inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano barafise uburenganzira bwo kumenyeshwa ivy'ubuzima bw'igihugu mu vyerekeye imibano n'intwaro y'igihugu n'uguhabwa inyigisho zikundisha igihugu.

**Ingingo ya 254**

Kirazira kuja gufasha ingwano ikindi gihugu bitarekuwe n'amasezerano mpuzamakungu. Kirazira kwikora ku ntwaramiheto zo mu mahanga kiretse birekuwe n'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 255**

Leta itegerezwa gushinga umugambi wo guhindura biboneka ivyerekeye kurwanira n'ugucungera umutekano bituma ubumwe n'umwumvikano w'abanyagihugu bikomera cane cane ku kuwurangura ku buryo abarundi bose bo mu moko yose, intara zose n'ibitsina vyose baserukirwa muri izo nzego.

**Ingingo ya 256**

Urwego rw'intwaramiheto n'urwo abajejwe umutekano zitunganijwe mu buryo haba ubumwe mu bazigize, ntibagire aho bahengamiye mu vyerekeye politike kandi mu kurangura amabanga bajejwe ntibagire nkunzi.

**Ingingo ya 257**

Izego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zakira abanyagihugu bose bashaka kuzinjiramwo atawukumiriwe. Izo nzego zitunganijwe ku buryo zinjirwamwo n'uwubishaka kandi abifitiye ubuhinga n'ubushobozi.

Mu kiringo gishingwa n'Inama nkenguzamateka, urwego rw'intwaramiheto n'urw'abajejwe umutekano ntizishobora kubamwo abarenga ibice 50 % b'ubwoko bumwe kugira ngo amoko yose aserukirwe, kugira hakingwe ibikorwa bigayitse vy'ihonyabwoko n'ugufata ubutegetsi ku nguvu.

**Ingingo ya 258**

Ukudaserukirwa bikwiye mu nzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano bizogenda birakosorwa buhoro buhoro hisunzwe umutima wo kunywana no kwizigirana kugira abarundi bose bumve ko bakingiwe.

**Ingingo ya 259**

Inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano zigizwe n'abagize ako kazi umwuga babifitiye ubuhinga kandi ataho begamiye.

Abagize izo nzego bararonka inyigisho zerekeye ubuhinga, kwigenza neza n'ugukunda igihugu. Izo nyigisho zishimikira cane cane ku gutsimbataza amahoro, ingene bigenza mu ntwaro rusangi ishimikiye ku migambwe myinshi n'agateka ka zina muntu.

**Ingingo ya 260**

Abagize inzego zo kwivuna abansi n'iz'umutekano, kuva ku muto gushika ku mukuru, bararonka inyigisho zerekeye kwubahiriza amategeko mpuzamakungu y'ugutabara abari mu vyago bivuye ku ntambara n'ugushira imbere Ibwirizwa shingiro.

**Ingingo ya 261**

Umuntu atari intwaramiheto ntagengwa n'amategeko mpanavyaha ya gisirikare kandi ntacirwa imanza na Sentare za gisirikare.

## IGICE CA XI
## UTURERE TW'INTWARO

**Ingingo ya 262**

Ikomine n'ibindi bice vyayo mu gihugu bishingwa n'Ibwirizwa ngenderwako.

Ibwirizwa niryo ritomora amategeko agenga amakomine, ingene aringanijwe, ububasha bwayo, amatungo yayo n'ingene atwarwa.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/016 ryo ku wa 20 Ndamukiza 2005 ritomora ingene intwaro mu makomine itunganijwe n'ingene ikora (*I.I.B.*, 2005, n° 4 *ubwa kabiri*, p. 1).

**Ingingo ya 263**

Ikomine ni igisata nshingwantwaro cigenga. Igabuwemwo uturere nkuko bitegekanywa n'Ibwirizwa ngenderwako.

**Ingingo ya 264**

Ikomine irongowe n'Inama mpanuzwajambo ya komine na Musitanteri wa komine.

**Ingingo ya 265**

Amatora muri komine agirwa hisunzwe amategeko akurikira :

*a.* imitumba irongowe n'inama mpanuzwajambo igizwe n'abajenama batanu bitorewe n'abanyagihugu baba kuri iyo mitumba. Umujenama yarushije abandi amajwi niwe aca aba Umukuru w'Umutumba. Abitoza bose babigira ku giti cabo ;

*b.* amakomine arongorwa n'Inama mpanuzwajambo z'amakomine zitorewe n'abanyagihugu atawe baciyeko.

**Ingingo ya 266**

Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu uracungera ko mu Nama mpanuzwajambo z'amakomine amoko yose aserukirwa. Bitagenze uko, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose urashobora gushinga ko hongerwamwo abantu bava mu bwoko butaserukiwe bikwiye, ariko abo bantu bagenywe ntibarenga igice kimwe ca bitanu

 © Igitabu c'amabwiririzwa n'amategeko y'Uburundi (31 Kigarama 2006)

c'abagize iyo Nama. Abo nabo bagenwa n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cose.

Mu matora ya mbere, Inama mpanuzwajambo ya komine yose iritorera mu bayigize Musitanteri wa komine kandi irashobora kumubogoza muri ayo mabanga iyo hari imvo ishemeye nko kurya ibiturire, kunanirwa akazi, ikosa rihambaye canke ukunyuruza amatungo ya komine. Mu matora azokurikira Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zimaze kwihweza uko ibintu bimeze, zirashinga Ibwirizwa ritegekanya ko Musitanteri azokwitorerwa n'abanyagihugu.

Mu moko makuru makuru ahari, nta na bumwe bushobora guserukirwa n'abamusitanteri b'amakomine barenga 67 % mu gihugu cose. Inama nkenguzamateka iracungera ko iyo ngingo yubahirizwa.

**Ingingo ya 267**

Leta iracungera ko amakomine yose atera imbere ata n'imwe isigaye inyuma ishimikiye kugufatana mu 'nda kw'abanyagihugu. mugufashanya.

## IGICE CA XII
## INAMA NKURU Z'IGIHUGU

**Ingingo ya 268**

Kugira ngo abanyagihugu benshi bagire uruhara mu gutunganya ivy'igihugu, Leta irashiraho Inama nkuru z'igihugu zikurikira :

– inama nkuru y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi ;

– umurwi w'igihugu wo gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa ;

– inama nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu ;

– inama nkuru y'ubutunzi n'imibano ;

– inama nkuru ishinzwe ivyo kumenyesha amakuru.

Leta iraronsa izo nama nkuru z'igihugu uburyo bukwiye kugira ngo zikore.

### 1. INAMA NKURU Y'UBUMWE N'UKUNYWANISHA ABARUNDI

**Ingingo ya 269**

Inama nkuru y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi n'urwego mpanuzwajambo rujejwe amabanga akurikira :

– kwiga no gushikiriza impanuro ku bibazo bikuru bikuru vyerekeye ubumwe, amahoro n'ukunywanisha abarundi, cane cane ivyerekeye ibiza imbere y'ibindi mu birangurwa n'inzego z'igihugu ;

– gukurikirana na ntaryo n'umwitwarariko ikibazo c'ubumwe n'ukunywanisha abarundi ingene gihindagurika mu gihugu ;

– kuza irashikiriza icegeranyo cerekana ingene ubumwe n'ukunywanisha abarundi vyifashe bikamenyeshwa abanyagihugu ;

– gushikiriza ivyiyumviro birashe vyerekeye ingene ubumwe n'ukunywanisha abarundi vyotsimbatara mu gihugu kurusha ;

– kwiyumvira no gukora ibikenewe vyose kugira urwego rw'abashingantahe runaguke rufashe mu gutsimbataza amahoro n'umwumvikano mu banyagihugu ;

– gushikiriza ivyiyumviro n'ivyorangurwa ku bindi vyose vyerekeye igihugu.

Inama nkuru y'Ubumwe n'ukunywanisha abarundi irahanuzwa n'Umukuru w'igihugu, Urwego nshikiranganji, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

Ivyitumye, irashobora kandi gutanga ivyiyumviro kandi ikabitangaza.

**Ingingo ya 270**

Inama nkuru y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi igizwe n'abantu b'iteka barangwa n'ubutungane, bitwararika na ntaryo ineza y'igihugu na cane cane ubumwe bw'abarundi.

Abagize Inama y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi bagenwa n'Umukuru w'igihugu abanje kugisha inama Ivyegera vyiwe.

**Ingingo ya 271**

Abagize Inama nkuru y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi bategerezwa kurahira ko bazokwama baharanira ubumwe n'ukunywanisha abarundi.

**Ingingo ya 272**

Inama nkuru y'ubumwe y'ukunywanisha abarundi, uko umwaka utashe, irashikiriza icegeranyo Umukuru w'igihugu, Urwego nshikiranganji, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 273**

Ibwirizwa ngenderwako niryo ryerekana ingene Inama nkuru y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi itunganijwe n'ingene irangura amabanga ishinzwe hamwe n'abayigize.

Menya neza

Raba Ibwirizwa nº 1/008 ryo ku wa 30 Ruheshi 2003 ryerekeye ingene inama nkuru ijejwe y'ubumwe n'ukunywanisha abarundi ikora, ivyo ijejwe, abayigize, n'iringanizwa ryayo (*I.I.B.*, 2003, nº 6 *ubwa gatatu*, p. 370).

### 2. UMURWI W'IGIHUGU WO GUKINGA NO KURANDURANA N'IMIZI IHONYABWOKO, IVYAHA BIKORWA MU NGWANO N'IVYAHA VY'AGAHOMERA BUNWA

**Ingingo ya 274**

Umurwi w'igihugu wo gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa ni urwego mpanuzwajambo rujejwe amabanga akurikira :

– gukurikirana na ntaryo ihindagurika mu gihugu ry'ikibazo cerekeye ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa ;

– gukinga no kurandurana n'imizi ivyaha vy'ihonyabwoko, ivyaha bikorerwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa ;

– gushikiriza ingingo zotuma ukudahana ivyaha gutuzwa bimwe bishemeye ;

– guharanira ishingwa muri aka karere ry'umurwi ucungera ivyo vyaha ;

– guharanira ishingwa ry'umuhari ugizwe n'amoko yose wo kurwanya ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa n'ivyerekeye gufata ikivunga n'ukujaniranya ;

– guharanira ishingwa ry'amabwirizwa ahana ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa n'ugucungera ko ayo mabwirizwa akurikizwa bikwiye ;

– gushikiriza no gushinga ingingo zo gusubiza agateka abasinzikajwe n'ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa ;

– guterera agacumu k'ubumwe mw'ishirwa mu ngiro ry'umugambi uhambaye wo kwumvisha no kwigisha amahoro, ubumwe n'ukunywanisha abarundi.

**Ingingo ya 275**

Umurwi w'igihugu wo gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa, uko umwaka utashe, urashikiriza icegeranyo Umukuru w'igihugu, Urwego nshikiranganji, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 276**

Ibwirizwa ngenderwako ni ryo ryerekana ingene Umurwi w'igihugu wo gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko, ivyaha bikorwa mu ngwano n'ivyaha vy'agahomera bunwa utunganijwe, amabanga ujejwe, abawugize n'ingene urangura amabanga ushinzwe.

Menya neza

Raba Ibwirizwa nº 1/014 ryo ku wa 23 Nyakanga 2003 (*I.I.B.*, 2003, p. 587).

## 3. INAMA NKURU ISHINZWE UMUTEKANO MU GIHUGU

**Ingingo ya 277**

Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu ni urwego mpanuzwajambo rufasha Umukuru w'igihugu n'Urwego nshikiranganji mu gutegura imigambi yose yerekeye umutekano w'igihugu, mu gucungera ko iyo migambi ishirwa mu ngiro no mu gutora uburyo bwokoreshwa mu kwivuna abansi igihe igihugu gitewe canke habaye imidurumbanyo.

Iyo Nama irakurikirana idahengeshanya ingene ubumwe n'umwumvikano vyifashe mu rwego rw'intwaramiheto n'urwo abajejwe umutekano.

Iyo Nama ishobora guhanuzwa kuri ico cose cerekeye umutekano.

Iyo Nama, uko umwaka utashe, irashikiriza icegeranyo Umukuru w'igihugu, Urwego nshikiranganji, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 278**

Abagize Inama nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu bagenwa n'Umukuru w'igihugu abanje guhanuza Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 279**

Ibwirizwa ngenderwako niryo ryerekana ingene Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu itunganijwe, amabanga ijejwe abayigize n'ingene ikora.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/016 ryo ku wa 13 Kigarama 2002 ryerekeye ivyo umurwi w'igihugu ujejwe umutekano ujejwe gukora, abawugize ingene utunganijwe n'ingene ukora (*I.I.B.*, 2002, n° 12, *ubwa kane*, p. 1514).

## 4. INAMA NKURU Y'UBUTUNZI N'IMIBANO

**Ingingo ya 280**

Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano ni urwego mpanuzwajambo rwihweza kandi rugashikiriza ivyo vyose vyerekeye iterambere mu butunzi no mu mibano mu gihugu.

Itegerezwa guhanuzwa igihe cose hari integuro y'umugambi werekeye iterambere, ku bibazo vyerekeye kubungabunga ibidukikije canke integuro y'umugambi w'iterambere wo kuja hamwe kw'Uburundi n'ibindi bihugu. bibanyi nivyo mu karere.

Iyo ibonye bikenewe, Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano irakebura Inama nshingamateka, Inama nkenguzamateka canke Urwego nshikiranganji ku bikwiye guhindurwa mu vy'ubutunzi n'imibano bijanye n'ineza ya bose canke kubiriko birahindurwa mu ntumbero itajanye n'ineza ya bose.

Irashikiriza kandi ico yiyumvira ku bibazo vyose ibisabwe n'Umukuru w'igihugu, Urwego nshikiranganji, Inama nshingamateka, Inama nkenguzamateka canke Urundi rwego rwa Leta.

**Ingingo ya 281**

Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano igizwe n'abantu batorewe ubukerebutsi n'ubuhinga bwabo, basanzwe barangura amabanga yabo mu mirimo inyuranye yo mu gihugu.

Abagize Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano bagenwa n'Umukuru w'igihugu abanje kugisha inama Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 282**

Inama Nkuru 'y'ubutunzi n'imibano, uko umwaka utashe, irashikiriza icegeranyo Umukuru w'igihugu, Urwego sshikiranganji, Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 283**

Ibwirizwa ngenderwako niryo ryerekana ingene Inama Nkuru y'ubutunzi n'imibano itunganijwe, ivyo ijejwe, abayigize n'ingene irangura amabanga yayo.

Menya neza

Raba Ibwirizwa n° 1/13 ryo ku wa 11 Ndamukiza 2006 ritomora ivyo inama ijejwe ubutunzi n'imibano, abayigize ingene itunganijwe n'ingene ikora (*I.I.B.*, 2006, n° 4, p. 247).

## 5. INAMA NKURU Y'IGIHUGU IJEJWE IVYO KUMENYESHA AMAKURU

**Ingingo ya 284**

Inama nkuru y'igihugu ijejwe ivyo kumenyesha amakuru iracungera ko ukumenyesha amakuru biciye mu nzandiko, mu nsamirizi no mu mboneshakure kurangurwa mu mwidegemvyo hisunzwe amabwirizwa, amategeko yubahiriza umutekano n'imico myiza.

Kubera ivyo, Inama nkuru y'igihugu ijejwe ivyo kumenyesha amakuru irafise ububasha bwo gushinga ingingo nko mu vyerekeye kwubahiriza no guteza imbere umwidegemvyo mu kumenyesha amakuru n'uko ivyiyumviro vyose vyerekeye intwaro y'igihugu, imibano, ubutunzi n'imico bishikirizwa biciye mu binyamakuru vya Leta ata wukumiriwe.

Inama nkuru y'igihugu ijejwe ivyo kumenyesha amakuru ni urwego kandi rushobora guhanuzwa ijambo Leta mu vyerekeye kumenyesha amakuru.

**Ingingo ya 285**

Inama nkuru ijejwe ivyo kumenyesha amakuru igizwe n'abantu batowe mu bisata vyo kumenyesha amakuru n'abo mu bindi bisata bitandukanye bikorana n'abamenyeshamakuru ; itorwa rya bo rigafatira ku kwitwararika ivyo gushikiriza amakuru abanyagihugu, ubwigenge bw'abamenyeshamakuru no mu gushikiriza ivyiyumviro.

**Ingingo ya 286**

Abagize Inama nkuru y'igihugu ijejwe ivyo kumenyesha amakuru bagenwa n'Umukuru w'igihugu abanje kugisha Inama Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 287**

Inama nkuru y'igihugu ijejwe ivyo kumenyesha amakuru, uko umwaka utashe, irashikiriza icegeranyo Umukuru w'igihugu, Leta Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 288**

Ibwirizwa ngenderwako niryo ryerekana ingene Inama nkuru y'igihugu ijejwe ivyo kumenyesha amakuru iringanijwe, amabanga ijejwe, abayigize n'ingene ikora.

Menya neza

Iri bwirizwa ntiriratangazwa.

## *IGICE CA XIII*
## *AMASEZERANO N'IMYUMVIKANO MPUZAMAKUNGU*

**Ingingo ya 289**

Umukuru w'igihugu niwe muyobozi mukuru w'ibiganiro bishikana ku masezerano mpuzamakungu. Niwe ashira igikumu kuri ayo masezerano n'imyumvikano akemeza ko akurikizwa.

**Ingingo ya 290**

Amasezerano y'ukugarukana n'ugukomeza amahoro, amasezerano yo gushoreranira ibidandazwa, amasezerano atunganya ivyerekeye amakungu, amasezerano yotuma Uburundi budaha mu kigega cabwo, ayoshobora guhindura amabwirizwa asanzweho n'ayagenga abantu n'imiryango yemezwa gushirwamungiro biciye mw'Ibwirizwa.

**Ingingo ya 291**

Uburundi burashobora gushinga amashirahamwe bufatanije n'ibindi bihugu, ari ayo gutunganiriza hamwe ubutunzi bwavyo canke ay'ugufashanya. Burashobora kuja hamwe n'ibindi bihugu, bugatunganiriza hamwe navyo imigambi bihuriyeko.

**Ingingo ya 292**

Amasezerano mpuzamakungu ntashobora gukurikizwa ataremezwa kandi ataratangura kurangurwa na bene kuyashinga

bose. Amasezerano yerekeye Uburundi n'ibindi bihugu canke n'amashirahamwe mpuzamakungu akurikizwa iyo ibitegekanijwe n'ayo masezerano bikwiye.

**Ingingo ya 293**

Amasezerano yo gushingura imyavu ruhonyanganda canke yonona ibidukikije arabujijwe.

**Ingingo ya 294**

Inzego zo kwivuna abansi n'umutekano zirashobora guterera agacumu k'ubumwe mu bikorwa mpuzamakungu vyo gucungera amahoro kw'isi. Nta nteko z'Uburundi zishobora kurungikwa mu mahanga Umukuru w'igihugu, atazirekuye abanje guhanuza Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu n'Inama Nkuru ishinzwe umutekano mu gihugu.

Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zitegerezwa kubimenyeshwa mu kiringo c'iminsi itarenga indwi.

**Ingingo ya 295**

Nta gice na kito gishobora kuva ku Burundi canke ngo kiguzwe ikindi, nta ntara ishobora kubwongerwako, abarundi batabanje gutumwako ngo bavyiyemerere mw'itora.

**Ingingo ya 296**

Igihe Sentare yubahiriza Ibwirizwa shingiro ibisabwe n'Umukuru w'igihugu, Umukuru w'Inama nshingamateka, Umukuru w'Inama nkenguzamateka, igice kimwe ca bine c'abagize Inama nshingamateka canke igice kimwe ca bine c'abagize Inama nkenguzamateka, ikemeza ko mu vyo igihugu cemereye amakungu harimwo ingingo iteye kubiri n'Ibwirizwa shingiro, ayo masezerano ntashobora kwemezwa Ibwirizwa shingiro ritabanje guhindurwa canke gusubirwamwo.

## IGICE CA XIV
## ISUBIRWAMWO RY'IBWIRIZWA SHINGIRO

**Ingingo ya 297**

Ibwirizwa shingiro risubirwamwo bisabwe n'Umukuru w'igihugu abanje kuja inama n'Urwego nshikiranganji canke bisabwe n'abarenga ica kabiri c'abagize Inama nshingamateka canke bisabwe n'abarenga ica kabiri c'abagize Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 298**

Umukuru w'igihugu arashobora gucisha mw'itora ry'abarundi bose integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa shingiro.

**Ingingo ya 299**

Nta na rimwe integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa Shingiro izokwemerwa mu gihe yoza iteye kubiri n'Ubumwe n'umwumvikano w'abarundi canke itegekanya ko Leta yegamiye idini iryo ari ryo ryose canke iteye kubiri n'ukunywanisha abarundi, intwaro rusangi, canke ishinga ko imbibe z'igihugu zihindurwa canke mu gihe yoba iteye kubiri n'ingingo ngenderwako zemejwe n'Amasezerano y'i Arusha yo kugarukana amahoro no kunywanisha abarundi.

**Ingingo ya 300**

Integuro y'ingingo ihindura Ibwirizwa shingiro yemezwa n'ibice bine vya bitanu vy'abagize Inama nshingamateka n'ibice bibiri vya bitatu vy'abagize Inama nkenguzamateka.

## IGICE CA XV
## INGINGO ZISANGIJWE ZIGENGA IKIRINGO CA MBERE GIKURIKIRA INTWARO MFATAKIBANZA

**Ingingo ya 301**

Umuntu wese yaranguye amabanga y'Umukuru w'igihugu mu kiringo c'imfatakibanza ntarekuriwe kwitoza mu matora ya mbere y'Umukuru w'igihugu.

**Ingingo ya 302**

Umukuru w'igihugu wa mbere azorongora Uburundi ikiringo c'intwaro mfatakibanza kirangiye azotorwa n'Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka zikoraniye hamwe yemejwe n'ibice bibiri vya bitatu vy'abagize izo nama. Ivyo bitigiri bitabonetse mu matora abiri ya mbere, haca haringanizwa ayandi matora gushika habonetse uwitoje yakwije ibice bibiri vya bitatu vy'abagize izo nama.

Igihe Umukuru w'igihugu wa mbere arongoye Uburundi mu kiringo gikurikira intwaro mfatakibanza atagishoboye kurangura amabanga ajejwe, uwumusubirira atorwa hakurikijwe ibitegekanijwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo.

Umukuru w'igihugu yatowe ikiringo c'intwaro mfatakibanza carangiye ntashobora kubogoza Inama nshingamateka n'Inama nkenguzamateka.

**Ingingo ya 303**

Mu matora ya mbere yonyene y'abashingamateka ararikiwe abanyagihugu bose, habaye umugambwe ushikanye ibice bitatu vya bitanu vy'abagize Inama nshingamateka, haragenwa abandi bashingamateka, igitigiri cabo kikava kuri cumi n'umunani gushika kuri mirongo ibiri n'umwe bava mu migambwe yashikanye amajwi ategekanijwe canke hakagenwa abashingamateka babiri mu mugambwe umwe umwe wose iyo hari imigambwe irenga indwi yashikanye amajwi ategekanijwe. Ingene abo bashingamateka bagenwa bitegekanywa n'Ibwirizwa rigenga amatora.

## IGICE CA XVI
## INGINGO MFATAKIBANZA

**Ingingo ya 304**

Mu kurindira ko hashingwa inzego zivuye mu matora nkuko bitegekanijwe n'iri bwirizwa shingiro, inzego mfatakibanza zihasanzwe n'abajejwe intwaro mu ntara baguma k'ubutegetsi gushika kw'igenekerezo rishingwa hakurikijwe ikirangaminsi caringanijwe n'Umurwi wigenga ujejwc gutunganya amatora mu gihugu cose.

## IGICE CA XVII
## INGINGO ZISOZERA

**Ingingo ya 305**

Mu gihe adateye kubiri n'iri Bwirizwa shingiro, amabwirizwa n'amategeko yari ahasanzwe aguma akurikizwa gushika ahindurwe canke afutwe.

**Ingingo ya 306**

Ibwirizwa shingiro mfatakibanza rya Republika y'Uburundi ryatangajwe kw'igenekerezo rya 28 Gitugutu 2004 rirafuswe.

**Ingingo ya 307**

Iri Bwirizwa shingiro rya Republika y'Uburundi ritangura gukurikizwa umunsi Umukuru w'igihugu aritangarijeko.

---

## 5 Ruhuhuma 1991. – AMASEZERANO y'Ubumwe bw'Abarundi.

---

Menya neza

Yateguwe n'umurwi ujejwe kwiga ikibazo c'ubumwe bw'Abarundi hanyuma Abarundi benshi baraharira kuri ico kibazo. Aya masezerano y 'ubumwe bw'Abarundi yemejwe n'abanyagihugu biciye mu matora yabaye ku wa 5 Ruhuhuma 1991 mu nyuma ashirwako umukono n'Umukuru w'igihugu mw'Itegeko-bwirizwa n° 1/002 ryo ku wa 9 Ruhuhuma 1991.

---

## 9 Ruhuhuma 1991. – ITEGEKO-BWIRIZWA n° 1/002 – Iyemezwa ry'Amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi.

---

Twebwe, Abarundi ;

*Twishimikije* ishaka ntangere dufise ryo kwubaka igihugu c'ubumwe, kirangwamwo amahoro n'umutekano, giharanira iterambere rya bose,